Intambuko Zine Z'Ikanguro

Gutegura umubiri wa Kristo kw'ikanguro riruta ayigeze kubaho mubindi bihe vyose.

Dalen Garris

RevivalFire Ministries

© 2009 by Dalen Garris. Uburenganzira bwose ni ubwa nyene igitabo

Imirongo yose yanditswe muri iki gitabo yakuwe muri Bibiliya ya King James.

Casohorewe muri Leta zunze Ubumwe za Amerika.

Iki gitabo kirashobora kugwizwa mu gihe muronse uburenganzira buvuye kuwa canditse

Akura kuri:

RevivalFire Ministries
PO Box 822,
Waxahachie, TX 75168
+19729388502

Ibirimwo

Intangamarara

Urukurikirane rwo kureka Imana n'Ikanguro

I. Intambwe ya 1: Gutahura

a. **Ugukabura**

b. **Ico yaherejeko**

c. **Ubugeni**

d. **Mbega Ibitangaza biri he?**

e. **Imirima Irononekaye**

f. **Intambamyi yo kudatahura**

g. **Urukundo: Ikiruta vyose**

II. Intambwe ya 2: Akaga−ni ngombwa urinde kubishaka

a. **Ukwanka impinduka**

b. **Ubunebwe no kuba sindabibazwa**

III. Intambwe ya 3: Ukwihana

a. **Umuhamagaro wo kwezwa ku muntu**

b. **Ukwihana rusangi**

c. **Daniyeli**

d. **Nehemiya**

e. **Eliya**

IV. Intambwe ya 4: Urugamba

V. Inyishu

Intambwe zigufasha kubishira mu ngiro.

1. **Soma igice kimwe kimwe c'Imigani buri munsi.**
2. **Kora imigwi muze murasomera hamwe Ijambo ry'Imana.**
3. **Ni wigenere Isaha yiharije to Gusenga buri munsi.**
4. ***Shiraho Amasengesho y 'amasaha 24***
5. ***Kwozanya ibirenge n'Isangira Ryera***
6. ***Abashingantahe n'Inzoya muri Kristo***
7. ***Ugushinga intahe no Kuremesha Ibikorane***
8. **Gire Iyerekwa**

Indunduro ya vyose

Intangamarara

Nanditse ubu bu tumwa bwerekeye Intambuko Zine z'Ikanguro kuko nizera y'uko ari yo nyishu y'ibibazo vy'impwemu uyu munsi isi yacu irimwo iracamwo. Ndizera cane y'uko turi mu bihe vya nyuma nk'uko n'abandi ba kristo benshi babibona, ubwó tubona bimwe muvyahanuwe bishika. Ubwo benshi bizera y'uko badakwiye gusimbwa umutima kuko bizera y'uko bazoca baduganwa imbere y'uko ivyago vyinshi biza mw'Isi, nizera ko ishengero rya Kristo rizohura navyo gushika Yesu ubwiwe abonetse ku bicu.

Umwanditsi Shakespeare yanditse avuga ngo "Iyi si yose ni igihe igezemwo"(mubiringo bigize urugendo rwacu). Ivyo ni ukuri kwuzuye gusumba n'ivyo yoba yaribaza. Ivya politike, ivy'urudandaza, ivy'umuntu akora yarigiye, ivyo dukunda n'ibidusama vyo mu buzima bwacu ni ibizami bagaragaza aho umuntu azoba ibihe bidashira. Ishengero ry'Imana ririho kugira ribe icapa n'umuco werekana inzira ija mw'ijuru. Kenshi na kenshi abantu bavyirengagiza kubera ubuzima babayemwo. Igihe rero ishengero ribuze inguvu n'umuco waryo ukazima, usanaga dusigaye dukunda cane ivy'iyi si. Intumbero yacu ica ihinduka ntibe ikiri iyo tuja, ica iba iy'aho turi ubu. Kwiyumvira ivy'urubanza rw'ibihe bidashira bikavaho, tugasigara twiyumvira ivyo dufasha kubaho uno munsi. Mukanya isase tukabab dutaye inzira, tukibagira yuko ivy'ubu bugingo ari ikizami kidufasha mu bugingo buhoraho. Ugasanga urugendo rwo kuja mw'ijuru rusigaye rwuzuyemwo amahwa n'imitego vy'uburyo bwose, bikatwigiza kure y'agakiza k'ukuri.

Ikanguro niryo muti wonyene ushoboka. Iyo atamuco w'ukuri waka ngo utwereke inzira y'ubugingo, tugenda duhwihwisha mu mwiza. Ikanguro rya Mpwemu Yera niryo ryonyene rishobora kwatsa umuriro wacu ugatuma n'amatara yacu yaka ngo maurikire inzira y'agakiza.

Ijambo Ikanguro ni ijambo abantu benshi badatahura neza kubera ryereka umuntu asinziriye akanguwe. Ariko ugiye kuraba muri kahise, ubushobozi bw'Imana bwagiye busambura imigenzo y'amadini yaba ariho ico gihe yatuma abantu bakanya muburyo bw'impwemu no kwigira mu vy'isi. Igihe harí imgenzo y'idini ipfuye, igikwiriye muri uwo mwanya si ukuzura Ibisanzweho, ahubwo ni ukurema ubugingo bushasha (Iyo umubiri wapfuye, kuwukangura ntibituma wongera kugira ubugingo. Ni ngombwa habeho ubugingo bushasha buremerwa

mu mubiri mushasha).Aho niho haba hakenewe ikanguro (atarí ukuzura wa mugenzo wo kureka Imana wari usanzwe warapfûye).

Hariho igihe c'irindi kanguro rimwe. Yesu Kristo agiye kugaruka vuba kw'isi, ariko imbere y'uko agaruka, haranditswe ko hazobanza kuba ikanguro rya nyuma ry'agahebuza−risumba ayandi makanguro yigeze kubaho. Ni ku bw'iryo kanguro rya nyuma ry'agahebuza aka gatabo kandistwe. Imiriro yose itegerezwa kuronka ikibiriti kiyatsa. Isengesho ryanje n'uko aka gatabo koba nk'ikibiriti cofasha kudomeka umuriro w'ikanguro uzokwaka ugakwira mw'isi yose.

Intangamarara: Urukurikirane rwo kureka Imana n'Ikanguro

Ukuva ku Mana n'Ikanguro vyamye bikurikirana kuva no mugihe ca Yosuwa. Igihe cose hari ubushobozi bw'Imana, ishengero ry'Imana rihabwa inkomezi bigatuma rihindura ubuzima bw'abantu. Umunezero n'ibinezaneza ni vyo bimenyetso bica biranga ivyo bihe. Ubutunzi no gutera imbere bica biboneka mw'ishenegro hamwe no mu bantu bose baba mumicungararo yaryo. Ibi bihe biba ari vyiza cane.

Ariko rero, mukanya gato umuco ugatangura kuzima ya migisha idasanzwe ivuye ku kugendana n'Imana mu bushobozi bwa Mpwemu Year bigatangura gucika ibisanzwe kubera umunezero n'ibihimbaro isi yerekana). Amaso yacu tukayakura ku bihoraho tukayashira kubizohoraho, tukayakura ku kugomba kw'imitima tukayerekeza ku vyifpuzo vy'imibiri yacu, tukayakura ku masezerano y'ibitaboneka tukayerekeza kubihimbara umubiri vy'akanya gato biboneka. Agakiza k'ukurin'idini bigatangura kurwanira mubuzima bwacu −Kimwe kikaza kinezereza imibiri yacu ariko ntigikore ivyo Imana igomba (bwa buntu bubayabaye butanyēngétēra ubuzima bwacu kandi butanadúkāngurira kwera). Inzira yagutse igaca igaragara nk'iy'ukuri (nk'iyitahuritse cane) kuko ariyo yoroshe (yoroshe gucamwo). Umuntu akavuga ati: Mbe kuki twobandanya tubabara kandi Yesu yababajwe kubwacu kumusaraba? (Noneho umuntu agatinda akavuga ati, kubera iki dukwiriye kwihanganira imibabaro kandi Yesu yarababajwe ku Musaraba mugishingo cacu)? Idini rigaca ryiyubaka, rikaba iry'ubwenge, rigashinga imizi rikibera ahantu atabutumwa bwo guhindura abantu rivuga. Uguhamwa kwatumye imiriro y'ikanguro ikwira hose ari nayo yaringanige amashengero yacu ntikube kukivugwa kandi ntikube kugifise agaciro mumaso yacu. Umengo twarashitse, turanashika ku vyo twarondera vyose.

Iyo atakuriha igiciro guhari, ubu kristo nyakuri buca nabwo buboneka nk'ubudafise agaciro kanini, hanyuma tumaze kubona ko ibintu vyose atagaciro bifise muri ico gihe, duca tunabona ko ari ibisanzwe, agakiza duca tugaheba, gusubira inyuma tukabibona ibisanzwe.

Ubwo imiriro y'ikanguro iba irimwo irahwama icika nk'amakara yaka ariko atarubeya, ishengero rikomeza kugumana igicapo n'urutonde rwaryo ryahorana−Ico riba ryatakaje ni umutima waryo. Umutima w'ikanguro si ibinezaneza twumva iyo Mpwemu w'Imana atujemwo canke kurengerwa n'ibitanagza n'ibirengeye ubwenge bwacu Mpwemu akora, ahubwo ni ukuzana abantu kuri Kristo bagakizwa. Iyi niyo ntumero yose kandi ni nawo mutima w'ikanguro. Ikanguro niryo ndihagizi y'Imana, hama kuzana abazimiye kuri Kritsto navyo niyo ndihagizi y'ikanguro. Yesu ntiyapfuye kugira ngo turonke ishengero ryiza canke ubuzima bw'ubutunzi, ariko kwari ukugirango azimurure abazimiye ari bo banyavyaha hama yogeshe ivyaha vyabo amaraso yiwe. Igihe twibagiye ivyo, tuba duhushije insiguro yose y'Umusaraba.

Igihe rero twishinze kuryohererwa Mpwemu Yera gushika n'aho twibagira abazimiye, tuba twugaye isôko (maze tugatinda) tukisanga ata kindi dusigaranye atari amakoraniro gusa. Ivyo biza bukebuke gushika n'aho abantu bateba bakamenyera ayo makoraniro ntibabe bakirondera uguhishurirwa gusha kuva ku Mana. Amatara yacu agakurwaho bukebuke gushika twibererye mu mwiza w'umuzitanya ata kuri kukimenyekana.

Mu gihe nk'ico Imana irungika abahanuzi bayo bu kuruburira ngo twihane. Igikorwa c'umuvugishwa si ukubwira abantu inkuru zidyohera amatwi yabu kubiraba kazoza kabo−ivyo vyo twobiraba mukuraguza kwandikwa mu bi nyamakuru aho turaba ibizoranga kazoza kacu. Igikorwa c'uwuvugishwa n'Imana ni ukuzana abantu ku kwihana vy'ukuri. Ni igikorwa ata n'umwe agikunda−yaba n'uwo yahamagawe nk'umuvugishwa canke abo yahamagawe kuvugishwako. Ni naco gituma abavugishwa bakengerwa, bagahamwa, ndetse bakanicwa. Ubutumwa bwabo ntibwama buhuza n'ivyo abantu bashaka kuko intumbero yabwo n'iy'ukugaragaza ibikorwa bifpuye.

Kimwe muvyerekana ukureka Imana n'ukugwirirana kw'abavugisha bavuga amahoro n'imigisha. Nk'uko urwiri rukurira mw'ivu rigataye niko bashinga imizi mu mashengero aganzwa n'ivyipfuzo vy'isi. Abavugishwa b'ibinyoma ntibaduhamagarira ku kwihana. Baduhamagarira kuruhuka. Nta kudoma urutoke ku caha bibaho; baduha amasezerano y'amahoro n'imigisha. Ntibatwigisha

kwubaha Imana, ariko batwereka urukundo rw'Imana. Ingorane n'uko ico bita urukundo rw'Imana giasanzwe gusumba akazuyazi, ni ivyiyumviro bidafashe vyo kwihumuriza−batwereka imigenderanire idyoshe n'Imana "Data" wacu. Ariko rero, Ijambo ry'Imana risobanura ko gukunda Imana arikwo kwubaha ivyagezwe vyayo, nk'kwo mu Migani 16:6 hatwereka, gushikwako biciye mukwubaha Imana. Ubona ko badukwegera mumahonero, banaduterera uruvyino kameremere kacu kipfuza kwumva, bakadukwegesha ivyiyumviro bisosa nk'isukari aho kutubwira ivyo kwama ivyamwa bihwanye no kwihana.

N'ubwo rero abavugishwa bemerwa gake cane mu gihe cabo, imbuto babiba ziraheza zikaronka ivu ryiza mu runganwe rukurikira. Urwo runganwe rushasha, nka Gideyoni, rukazobona ko urutonde rw'idini ruriho rutarimwo ruratorera umuti ingorane z'imitima yarwo, noneho rukava hasi rugatangura kurondera igisumba ico ba se babasigiye. Uwavugishwa n'Imana Yoweli abigereranya n'amasho y'inka yabira ashaka ubwatsi ngo arishe ariko adashobora kufuronka. Mu kurondera Ukuri, niho bubuka ku majambo ya ba bavugishwa ba se babo banebagura. Ayo majambo basanga akora ku mitima yabo, noneho agatangura gukura muri iyo mitima yabo akabatera intege muvyizigiro zo kurondera Imana no kubana ukundi gusha ububasha bw'Imana busukwa mugihe cabo.

Gideyoni yakubitiye ingano mu bgato baganiramwo vino, bgimbge mukuzimu kugirangw azinyegeze Abamidiyani, kandi ninakwo abo barondera ukuri bakora. Bakubitira ingano,arico kimenyetso c'Ijambo ry'Imana,mu bgato baganiramwo vino aribwo sengesho ryo kurondera ukuri kw'Imana hirya y'ivyo benshi bo muri ico gihe bizera vy'imigenzo y'idini ataco rimaze kandi ryamaze kuva ku Mana. Hama bikabandanya ukwo. Mbega ivyo ni umugambi w'Imana, canke ni ikimenyetso c'ukuneshwa kw'umubiri w'umuntu? Ivyo nta nyishu ndabifitiye, ariko ndazi neza ko, nk'uko Yesu yari we muzi wanaze mw'ivu rigadutse, ninako iyimbura rihambaye riva mu bihe vy'akaga ko mu Mpwemu.

N'ukuri ubu turi mu gihe kimeze nk'ico. Turiteguriye imvura n'igihe c'umwimbu kizoca gikurikira, ariko ubu noneho ugusukwa kwa Mpwemu w'Imana kuzorenga ukwo kwari kumeze mu bihe vy'ayandi makanguro yabaye. Ubwó tugeze aho turiko turava mu nzara yo mu vy'impwemu imwe Amosi yavugishwa imbere y'ukuza kw'Uhoraho Yesu Kristo, nikwo iryo kanguro ry'agahebuza rikomeza kwegereza gushika.

Ariko rero, nta kanguro na rimwe ritagira ikiguzi caryo. Aka gatabo kavuga ivyerekeye ico kiguzi.

Intambwe ya 1: Gutahura

“Nukw’ iryo joro nca mw’irembo rija ku mwonga, nkomeza inzira y’îsôko y’ikiyoka, nshika no kw’ irembo bacishamw’umwavu, ngenda nitegereza inzitiro z’amabuye z’i Yerusalemu ukuntu zasenyutse n’amarembo yaho ingene yahiye.

Maze nkomeza inzira nshika kw’irembo rija kw’ iriba, nshika no ku kidengeri c’umwami, ariko ntihaboneka inzira ifarasi nagenderako icamwo.

N’ukw iryo joro nyene nsubira kudugana akagezi, nkomeza kugenda nitegereza inzitiro, ndaheza ndakevya nsubira guca muri rya rembo rija ku mwonga; nuko ndataha.” Nehemiya 2:13-15

Intambuko ya mbere yo kunagurwa ni ugutahura neza ko tutakiri mu kibanza co kwakira imigisha twigeze kuba turimwo. Impome zacu zarasenyutse, ingoro yarasambutse, twatwawe nk’inyagano i Babuloni aho dukomeza kugerageza kuguma ku masezerano [imyumvikano] y’idini mu kugerageza kwihumuriza ataco bimaze twiyumvisha ko turi mu kuri kw’Imana.

Nehemiya yubutse ku bihome vyahomvagurikiye hasi, ariko imere yuko atangura gukora n’ikintu na kimwe mu kwongera kuvyubaka, yategerezwa kubanza gutahura akemera ivyaha ubwoko bwiwe bwacumuye ku Mana Mushobora vyose. Kwisonzesha n’isengesho ridahengeshanya, k’umurango no mw’ijoro, ni vyo vyategerezwa kwitagira inagurwa iry’ari ryo ryose. Iyo hatabanza ukwo kwemera kwihana, Nehemiya yari kuguma i Babuloni.

Abantu bagenda baca buhoro buhoro mu nzira yo kuva ku Mana ni gake cane bashobora kubona ukuntu ukwo kuva ku Mana kuriko kurinjira mw’ishengero ryabo kandi birabagora kwemera ko ishengero ryabo ririko rirapfa. Urwo rukurikirane rudahinduka rukurikirana imigenzo y’idini yashizweho na ba sokuru bacu rupfukira ubunini bw’akaga uno munsi turimwo. Ntitubasha kubibona canke ngo tukabone kuko tutitegereza neza, kandi ntibiryoshe ku vyiyumvirako. Biroroshe cane gutega amatwi abatujana mu mahonero batubwira ukuntu Imana ikidukunda n’aho vyomera gute, gusumba guhangana n’ukuri duheza tukita ko kubishe kuko tuba tumaze ighe kirekire twaramaze kuva mu bwiza bw’Imana aho tuba dusigaje kwitega urubanza.Ivyo ntitubibona kuko tudashaka kubibona.

Ugukabura

Ndagendagenda kw’isi yose ngenda mvuga ubutumwa mu ma shengero menshi, kandi nka hose baba biteze umuzungu w’umunyamerika akomeye avuga

ubutumwa kugira ngo abahezagize n'ubutumwa bubatera intege. Ahubwo ikintu ca mbere ndababwira ni uko mba ntari ngaho ngo ndabanyanyagizeko agafu k'ubuhinga kugirango baronke imigisha, baronke amahera, baronke abagabo, canke ivyimburwa vyabo bigwire−ariko ko ndi ngaho ngo ndababwire ukuri.

Inkabuzo yambere ndabaha, ndababaza nimba bemera ko bafise ishengero ryiza. Iyo bavuze ko bashimishwa n'ivyo babayemwo mw'ishengero n'iyabo ngendo y'ubu kristo, ico gihe simba ngikeneye kubandanya. Nca mvuga nti reka ndondere ishengero rishonje rifise inyota yo gushika kurundi rugero mu Mana atari abantu bahagijwe no kuba mubikorwa bituma ishengero ryabo ribandanya gusa. Si ndiko ndarondera umuntu ari ng'aho gusa atariko ararondera−Jewe ndondera abo bariko bararondera.

Ni bangahe bakiriye Umwami Yesu mu ndwi iheze? Mu kwezi guheze kwo? Sawa, mbega vyagenze gute mu mwaka uheze ho? Ico nico kibazo cerekana aho ubu kristo bwacu bugeze. Ntaco bivuze n'aho ishengero ryanyu ryoba ari ryiza gute, canke mufise umwungere w'ishengero w'igitangaza gute, canke uburyo mukundana hagati y'abakristo−mbega muriko murazana bantu kuri Yesu Kristo? Ego canke oya.

Buri ndwi wama wicaye muri ya ntebe nyene ukikujwe na ba bantu nyene. Makabwirana ya majambo meza nyene mwabwirana mu ndwi iheze. Mubwirana ngo mukeneye ikanguro ariko muguma muririndiriye mwiteze ko ribagwako giturumbuka rivuye mw'ijuru aho mwivyagiriye nk'amashashara ku ntebe z'ibiti ata na kimwe mukora. Nk'ukwo kuva na kera bavuga, ni waguma ukora vya bindi nyene, uzoguma wimbura vya bindi nyene, ariko niwagomba ibitandukanye, uzobwirizwa gukora ibitandukanye.

Murakwiriye kugera aho mubona neza ko atakintu kiriko kiraba mw'ishengero iwanyu. Ko Mpwemu year atakiri nagho, abantu batariko barakira Yesu−kandi atacerekana ko hazokwongera kuba ukundi gushwabaduka gusha kw'abanyavya baza imbere kwakira Yesu nk'umwami n'umukiza w'ubugingo bwabo. Mbega ni kuki boza? Hari ico mufise co kubaha gisumba ikiri mu mvugo zanyu zo mu bihe vya mbere ca koretse mwama mwasubiyemwo kenshi, umuco w'izo mvugo zivyo bihe ugenda ugabanuka kandi ntizigifise insiguro iremereye umatwi y'abanyavyaha. Ngira ngo boba batakiza mw'ishengero iwanyu kuko batinya ko bazohava bamera nkamwe.

Ubutumwa Bwiza bwa Yesu Kristo si ubwawe gusa. Ubutumwa Bwiza twabwakiriye kugira ngo tubuhe abandi, abandi, abandi. Umve, hari ibintu bibiri: muritayeho inyungu z'abandi, canke mwitayeho inyungu zanyu. Udakuye amaso yawe ku nyungu zawe, Imana ntizotangura kuzana ikanguro.

Hariho abantu ivyo ataco bibabwiye. Bipfuza kwibera mw'ishengero mu buryo buhwanye n'ukwo bo nyene ubwabo bakeneye, ntibagomba umuntu ababwira ibitandukanye n'ivyo bo barimwo. Abantu nk'abo nib o Bibiliya yita inzavya za kera zidashobora kwakira umuvinyu mushasha ngo bemere guhinduka. Ariko harakwiye gushika igihe basi tumenya ko hari ikintu kibuze kandi ko umuriro w'ibacaniro vyacu wazimye. Ivyo tubimenye, ni co gihe conyenedushobora kugarukana imitima yacu tukumva umuhamagaro wayo w'ikanguro.

Itegeko Ryanyuma

Igihe yari mu kuduganwa mw'ijuru, Yesu yasize adutegetse kugenda' tukavuga ubutumwwa bwiza mw'isi yose. Iryo niryo tegeko rikuru. Iyo ugira utandukane n'umukunzi ubutakibonana, umwanya wanyuma mumarana uba ari inkoramutima cane. Igihe ahagaze ku muryango agira agende, agahindukira kugira avuge ijambo ryanyuma, iryo avuga turaribika ahadata. Ijambo canke ibwirizwa ryanyuma riba rihambaye. Iyo Se w'abana ahajeje kubaraga, iyo yababwiye ivyo bazosigara barakora, aca yigira amahoro kuko aba azi ko bazobikurikiza. Yesu yaduhaye itegeko rihambaye igihe yadusezera. Ninayo ntumbero yatumye yemera kudupfira ku musaraba. Yapfuye kugira akize abanyavyaha ntibaje mu muriro aca adusigira umurimo ngo dushishikare ivyo yatanguye. Eka ntiyatubwirije kuba ibihangange muvy'inyigisho, muvy'uburongozi canke abahagararirye idini. Ivyo yatubwiye birasanzwe cane; n'ukuzana abandi ku gakiza. Ni ukwiyanka ukikorera umusaraba wawe ukamukurikira. Mbega We yakoze iki? Yagiye I Gologota gutanga ubwiwe bugingo kubw'abazimiye. Mbega twaramukurikiye canke twifatiye izindi nzira ataho zidushikana? Ubwo ntitwoba twiremesha ngo twaramukurikiye mu gushishikara amakoraniro yacu gusa? Mbega amakoraniro y'abera yoba yarasubiriye ukuzana abandi kuri Kristo? Mbega ubwo ntitunezererewe gutarika amaboko dushima Imana kuko dukijijwe ariko tutarenga

impome z'urusengero? Iyo twiraba gusa tutitaho abandi, tuba dutakaje intumbero y'agakiza kacu. Nico kimwe n'ishengero ritarenga inyubakwa zaryo.

Ntitwakijijwe kubwacu gusa. Iyaba wakijijwe kugira uze wigire mw'ijuru, woba waravuze isengesho ryo kwihana hanyuma ugaca wipfira. Kuki ukiri muri iyi si? Mbega ntiwokwigira? Genda mw'ijuru wiruhukire! Ah, urabona ko utaciye upfa, siko? Kumbure n'uko hari ikindi kirenze agakiza kawe. Kumbure waronse iyo ngabire y'agakiza kugira uyiheko n'abandi. Hari ikindi gituma twoba tukiriho? Nimba abantu ari bake mw'ishengero, n'uko twirengagije itegeko Umukiza yaduhaye. Mu misi mikuru yacu ariyo makoraniro, twatumiye abagenzi gusa twibagira impumyi, abaremaye n'abakene aribo badakijijwe nk'uko Yesu yabidusavye.

Isezerano ry' Ubukwe

Uravye muri bibiliya yose, usanga umugirwa w'ubukwe werekanwa nk'igicapo c'imigenderanire yacu n'Imana, aho Yesu ari Umukwe natwe tukaba Umugeni. Uhereye ku kuresha gushika ku kuvyara, vyose bifise ico vyerekena mu migenderanire yacu nayo. Ni nk'aho yaduhaye ico gicapo kugira itwigishe Ubuzima. Ubukwe rero ntibusigura uguhuza ibitsina gusa naho ico kitwereka umunezero muri Mpwemu Yera.

Eka si ukwitanaho gusa, si ugukora udukorwa two mu rugo gusa, si uguteka n'ukugira isuku gusa. Ivyo vyose birafise ico vyerekana mu rugendo rwacu n'Imana kandi ni vyiza ariko intumbero yambere y'Imana mu bukwe, n'ukugwira bakuzura isi. Ivyo tubona Imana ibibwira Adamu, Nowa, Aburahamu na Yakobo. Natwe twakowe na Yesu ngo tugire umuryango tugwire.

Iyo umugore ari ingumba na canecane mw'Isezerano rya Kera caba ari igiterasoni kuriwe. Uyu musi abagore bitayeho cane ivy'akazi bakora.

Kuvyara ngo bagire umuryango ntibikiri igikomeye nk'ubwa mbere. Igikorwa ciwe cari ukuvyara akarera abana. Ninaca gikorwa c'ishengero araryo Mugeni wa Kristo.

Narumvise abisigura igituma batazana abandi ku gakiza bavuga ko igikwiye ari ikwama ivyamwa vya Mpwemu nk'uko tubibona mub'I Galatiya 5:22. Ivyo sindavyemera kuko ivyo ni ivyamwa biva kuri Mpwemu Yera akorera muri twebwe, si itegeko twebwe dutegerezwa gushitsa mu nkomezi zacu. Itegeko ry'Umwami s'uko twigenza neza ahubwo n'uko tuzana abandi ku gakiza. Ubutumwa bwiza buroroshe ariko ibigoye vy'ivyitwazo, twanka kuva mu biduhimbara. Uturorero twiza tibiri tw'aho Imana itwereka ishaka ryayo mu kugwira tutubona kuri Hana no kuri Rakeli. Bompi bari ingumba gushika aho baha imihigo Imana ngo ibakure mu gasuzuguro ko kutaronka abana. Ivyo vyari bibateye isoni naho abagabo babo bari babakundwakaje. Icifuzo cabo mu buzima nticari urukundo rw'abagabo ahubwo kwari ukuvyara. Ntibarondera kuba ab'igiciro bonyene ahubwo barondera n'iteka ku bagabo babo. Niko n'ishengero ryari rikwiye guha iteka Kristo.

Uyu musi ishengero rimeze nk'umugore w'ingumba uko ryoba ari ryiza kwose, uko ryoba ritunze kwose eka n'ico ryoba rishoboye cose. Nimba ritariko rirazana abantu kuri Kristo, riragumbashe. Twubaka amasengero meza ngo twerekane ubutunzi dufise ariko ntituzana abantu bo kuyuzura. Amazu rukristo yo kwinonoreramwo imitsi bo n'uburiro biratworohera kwubaka gusumba guhura n'abadakijijwe tibabwira ubutumwa bwiza. Twibaza ko dushobora gushing intahe tudahuye amaso mu yandi n'abantu bari mu bibazo. Mbega ivyo s'ukuri? Ivyo s'ivyo wibonera ahagukikuje? Mbega ni ryari wewe canke ishengero ryawe mwoba muheruka kuja mu mabarabara gushingira intahe abantu n'ukubabwira ivy'agakiza? Ariko itegeko ryo riratomoye murii Luka 14:23, ngo gende mu mayirabiri mubabwire baze mu nzu ya Data kugira Ubukwe bw'Umwagazi w'Intama w'Imana bwuzure abantu. Mbega n'igiki kitubuza kwumvira iryo tegeko? Nimba ari ugutinya abantu tuzoba tudatinya Imana. Nimba ari isoni tuzoba tudakunda abandi. Nimba ari amategeko y'ikibano tuzoba tuboshwe n'iyi si. Nimba ari ikindi gituma, womenya ko bitakworoheye kubona inzira ija mw'ijuru. Twari dukwiye kwizigira tukumvira kuko ukwumvira kuruta ugutanga ibimazi kandi ko ubugarariji ari nk'icaha c'ubupfumu.

Ibitangaza

Mpwemu akwegera imitima y' abatarakizwa ku gicaniro niwe Mpwemu nyene adukoresha mu gukiza abarwaye , mu kuzura abapfuye no gukora ibitangaza. Mu gihe tukigerageza gusobanura igituma ibicaniro vyacu bigaragara dukoresheje inyigisho z' idini n'izindi nyigisho ndoramana, ntituzoshobora kubona ubushobozi bw' Imana bwo gukora ibitangaza, ivyo bibiliya ivuga ko bizokurikira abizera.

Gidiyoni yari yarabonye akaga kari muri Isirayeri .Abisirayeri bari baratakambiye Uhoraho ngo abakure mu maboko y' umwansi. Ariko inyishu Uhoraho yabahaye i Bokimu yaruko yari yarabahaye icagezwe ciwe kugira ngo bagikurikize bo baca bihitiramwo gukurikira ivy' isi. Ivyakurikiye n' uko umwansi yaciye abatera ngo afate n' igihugu cabo. Muri ico gihe rero Gidiyoni yategerezwa gukubitira ingano ziwe bwato baganiramwo vino bwimbwe mo kuzimu. Ugukubita ingano gutanga Umutsima w' Ubugingo , kugana vino nakwo kukatwereka amasengesho atuma turondera mu nyonga z 'Imana dutegerezwa gukorera ahihererereye. Ahihererereye niho Uhoraho yishurira amasengesho.

Gidiyoni abaza malayika w'Uhoraho ati:" Vya bitangaza vy'Uhoraho vyose ba sogokuruza batubwira biri hehe?" Imirima n'umwimbu wose vyari vyatwawe n' abamaleki cari igishingantahe kibi gishikira umuntu wese yivanze na Satani. Igihe turetse isi ngo idutware imirima, tuca duheza tugatakaza n'uburenganzira bwacu bwo kwimbura. Tuca dusigara ducitse intege, ata nkomezi dufise. Aha rero turabona ko natwe muri iki gihe twugururiye umwansi aribo bamaleki barinjira.

Gidiyoni ashobora kubona ako kaga ko gukubitira ingano mu bwato bw' Imana bw' amasengesho mu gihe abandi bo babona ko ivyo ari ibisanzwe , naho kwoba ukwubaka ibicaniro vya Bayali, kugira umwansi ntabahame. Mu gihe abandi bari bahagijwe n'ishengero ata buzima rifise Imana yo yabona muri uwo musore umuntu bitanezereje na buhoro.

Inyishu w'Umumalayikka w'Uhoraho ku kibazo ca Gidiyoni yari:" Genda ukw' izo nkomezi zawe zingana ukize abisirayeli. Mbega izo nkomezi zari izihe? Inkomezi za Gidiyoni zari uko atari yemeranije n'uko vyifashe muri ico gihe Gidiyoni aca yishurana umubabaro ati:"Mugenzi, namb'Uhoraho ari kumwe natwe, n' iki

gituma ivyo vyose bitubako? Kandi vya bitangaza vyiwe vyose ba sogokuruza batubarira biri hehe? bati Uhoraho niwe yadukuye muri Egiputa?

Egome!Ni ikibazo ciza! Mbega ibitangaza biri hehe? Mbega wewe woba uherutse kubona abarwaye bakira? abapfuye bazurwa? Ni ryari uheruka kubona ugusukwa kwa Mpwemu Yera mu makoraniro yacu? canke kubona ubusho bw'abantu bakira agakiza? Nimba ugukorana kwacu kwoba ari kwiza , none Mpwemu w' Uhoraho yagiye hehe? Ibitangaza biri hehe?

Ntitubona ugukira kw'ibitangaza kuko tutanakwiteze. Amaboko dutarikira Imana mu gusenga tuba tuyafatishije urupapuro rw' isango rya muganga. Ivyo tukavyita ukwiyubara ariko Imana yo ikavyita ukutizera. Ntitwubahuka gusenga ngo tuzure abapfuye, ivyo tuvyita ukurenza urugero canke ubusazi. Mu kwemeranya n' akaga kacu ko mu buryo bw' impwemu, twizigira kugira amahoro nayo adashoboka mu gihe hari ukwivanga n' isi. Ariko abantu b' Imana bo bari bakwiye kubona ibitaboneka bakanka gutekana bitabonetse. Kuba ata bitangaza tubona mu mashengero bisobanura ko habuze Mpwemu abidukoresha. Ariko tunezererewe no guhazwa n' ivyo aho twohanganye n' iyo ngorane yuko inkomezi z' Imana zatuvuyeko tugasigarana ishengero ata nzitiro rigifise.

Indimiro Zononekaye

"Imiranga y' inzige zikegeta yariwe n' izararaye; imiranga y' izararaye yariwe n' izitaragurika; imiranga y' izitaragurika yariwe n' iziyigiza". Yoweli 1:4

Igice ca mbere c' igitabu ca Yoweli cerekana ugusubira inyuma n' ikanguro rizoba imbere y' ukugaruka kwa Kristo. Ivyimburwa vyo mu ndimiro bizoterwa n' Ibiza, kimwe ku kindi gushika aho ata gisigara. Aburira ababorerwa vino n' abayikanya, n' ukuvuga abo bose bahamagariwe gukorera mu muzabibu w' Uhoraho , yuko vino zikuwe mu kanwa kabo; ko bakuwe mu nzu y' Imana. Amasaka (ariryo jambo ry' Imana) yononekaye, vino z' umubira (zisobanura ubumwe mu masengesho) zikamye akagirire, kandi amavuta ya elayo (arikwo gusigwa kwa Mpwemu Yera) nayo aherengeteye. N' ibimazi bizocibwa mu nzu y' Uhoraho.

Uhoraho ahamagarira abaherezi biwe gukenyera amagunira no kuririra akaga kari mw’ Ishengero. Amasho y’ inka ararangaraye, kuko ahebuye ubwatsi. Impongore, ibigega n’ ahantu bo kwimburira imitima yazimiye hose harasanganguwe, n’ inzuzi z’ amazi y’ ubugingo zarakamye.˝Ni mujorerwe, yemwe barimyi, namwe barimyi b’ imizabibu ni muboroge, muririre ingoro na sayiri; kuko ivyimburwa vyo mu ndimiro bibuze. (Yoweli 1:11**).** Ng’ iki icagiriji c’umuvumo kuri twebwe. Imitima yazimiye iriko ija mu muriro...kandi turi abimbuzi bategerezwa kuzana ivyo vyimburwa mu nzu y’ Uhoraho . Mbega biradutera isoni ? Si cane. Dufise iyindi myitwarariko y’ ishengero ku buryo ivyo tutabibona. Iyo niyo shusho y’ ishengero ry’ igihe Umwami azoba agira agaruke. Amosi yavuze ko imisi izoza aho hazoba inzara mu gihugu, atazoba ari inzara y’ ivyo kurya canke inyota y’ amazi, ariko izoba iri iy’ ukwumva amajambo y’ Uhoraho. Dufise amashengero henshi ariko ntitugaburirwa ingaburo y’ i bwina mu Mana.

Ehe hari ibitabu vya Bibiliya hose ariko nkuko Yesaya yavuze, bimeze nkaho igitabu "kimatanishije ishashara": turabisoma ariko ugutahura kwacu ntigushobore kwinjira imbere muri co, tugasonza ariko ntidushobore kumenya aho twokura imfungurwa kuko indimiro zacu z’ impwemu zarononekaye. Naho noba ndi impumyi itazi ibiyikikije,iki gice co mu gitabo ca Yoweli kirakwiyetse kugira ngo menye ko ishengero ryo mu bihe vya nyuma rizoba risigaranye ivyimburwa bike cane mu ndimiro zahora zisesekaye abantu n’ ubushobozi bwa Mpwemu w’ Imana. Ishengero nta buzima rigifise, twararetse Imana kuburyo duhakana n’ ico Ivyanditswe Vyera biritubwirako.

Intambamyi zo kudatahura

Dukubitije agatima mpembero tukihweza neza, twari dukwiye gutahura ko naho twoba dukunda amakoraniro yacu, nimba tutariko turazana imitima kuri Kristo, nta kanguro twovuga ko rihari. Ico kiboneka nk’ igisanzwe ariko kibuze bituma amashengero menshi atabona ugukora kw’ Imana hagati yabo. Yesu yavuze ko atawushika kuri Data atamujanye. Mpwemu w’ Imana atariwe azanye abantu ku kwihana, imitima yabo ikazanwa ku gicaniro, twoca tugira amakenga igituma atabikora. Wari ukwiye kwibaza nawe igituma.

Twebwe turi umunyu w' isi, umunyu utuma imfungurwa zigira akanovera. Ni twaba twarashize uburyohe ni ukuvuga ko ata kanovera tugifise. Isi iranyotewe ukuri ariko ntishobora kuturyako kuko ata buryohe tugifise. Hari icoba kiri ku bicaniro vyanyu? Mwoba mufise inyota y' ibitangaza n'ukugenderegwa n' Imana? Mbega amakoraniro yacu ntiyabaye ayumye. Tubwirwa ivyanditswe mu makuru, ivyese, n' udukuru dutwenza? Hari ubushobozi bwa Mpwemu Yera bugitemba mu makoraniro yacu? Mbega ho vyarigeze? Kumbure iki n'igihe co gutahura ko hari ikibuze mu mashengero yacu. Hari ikintu ca nkenegwa cane kibuze ma rugendo rwawe n' Imana kandi ubwirizwa kukigarukana. Utabikoze, ha kugendana n' Imana uzosanga uriko ugenda inzinguzingu canke woba ubona ko ari amahoro, ivyo ubona mw' ishengero ataco bitwaye. Vyoba ari uko,…….Imana ntishobora kugusunikira aho utagomba. Yobikora, ntiwoshobora gutanga ikiguzi vyogusaba kandi ntiwoshora kurera abavutse ubwa kabiri Imana yoba yakurungikiye. Kristo yatanze ubugingo bwiwe kubw' abo bantu, ntashobora kubaha uwundi atabitayeho canke atoshobora nawe gutanga ubwiwe bugingo kubwabo.

Ishengero ritazana abantu kuri Kristo riba rimeze nk' igiti c' umusukoni cumye, kitagira icamwa, ni nk'umuzabibu ufise amashami yumye. Yesu yaravumye igiti c'umusukoni naho kitari igihe caco co kwama. Ntacitwazo kiriho woshobora gutanga kugira wikize urubanza rw'Imana kubwo kutama ivyamwa. Nta gihe na kimwe kiriho co kutama. Umuzabibu utama utegerezwa gucibwa kuko ari igiti cumye kidashobora kugira ubuzima kandi coba kiriko gitwara inkomezi z' ibindi. Igihe ubuzima buretse gutemba mw' ishengero, ntaco riba rikimaze atari gutererwa mu muriro. Igihe tutakibona abantu baza kuri Kristo bagakizwa canke ngo ubone abarwaye bakira, ibitangaza n'ibikorwa vya Mpwemu Yera ngo vyerekanwe, ukwiye kwemera ko iryo shengero ata buzima rifise.

Urukundo, Ingabire Iruta Izindi

Dukunze kwumva abantu bashima ishengero kanaka baravye ibikorwa rikora, iyo rigaburira abakene, iyo riha abana udukinisho, iyo ryitangira ibikorwa vyo mu kibano, eka ibintu vyose vyiza, ariko ivyo ntivyerekana ikanguro. Hari ibikorwa vyinshi vyiza dushobora canke twoshoboye gukora nk' ishengero rya Kristo, ariko

ivyo n'abadakijijwe bobikora kandi ntivyosobanura ko buzuye Mpwemu w' Imana. Urukundo nyarwo rurarengeye ibikorwa vyiza. Urukundo nyakuri ni ukwitangira abandi ngo bakizwe. Ni Kristo muri twebwe, inyanduruko y' ukwizera kwacu, niwe nsobanuro y' umusaraba. Intumbero nyamukuru yiwe ni ukurokora abantu no kubagaburira. Igihe urukundo rw' ukuri ruri mw' ishengero, abantu baratumira abo hanze kuza kwumviriza ubutumwa bwiza. Rutariho ntiwobabazwa nuko abantu badakizwa, hanyuma ibicaniro bikaguma bigaragara. Yesu yutubwirije gutumira abarwaye,ababi n'abeza n'abakene mu misi mikuru dukora, si abagenzi n'incuti gusa. Igitangaje n'uko iyo twihweje abadukikuje mu nzu y'Imana twama dusanga ari babandi imisi ya mungu yose. Ni vyaba ari uko bimeze aho mw ishengero iwanyu n'uvuga ko habuze urukundo, mbere habuze n'ikanguro.

Igice ca gatandatu c'igitabu ca Amosi kitwereka ishusho y'abantu bidibamiye mu gahimbo, mu migisha y'ubu bugingo ariko batababajwe n'abazimiye. Nta kibaraje ishinga ariko nibo bazofatwa ubwa mbere n'urubanza kuko ruzohera mu nzu y'Imana. Uguhitamwo kwose kugira ingaruka. N'utarongorwa n'urukundo ngo uzane abandi kuri Kristo uburake bw'Imana buzogushikako kuko utazoba witwararitse imitima y'abo Kristo yatangiye ubugingo bwiwe.

Mu gitabu c'Imigani 29:18 hatubwira ko iyo ata guhishurirwa kuriho abantu bigira uko bagomba bagahona. Iyirekwa ryawe ryategerezwa kuba ryagutse rikarengera ibikorane vyo kuwamungu, bikarengera ivyiyumviro vy'idini. Ritegerezwa kuba rifatanye n'ikanguro hamwe n'ukuzana abandi kuri Kristo. Atari ukwo, kwoba ari ugukorana ataco kumaze. Mbega bisaba iki kugira utahure ko hari ibitagenda neza mw'ishengero? Twaramenyereye cane kutabona ikanguro kuburyo tutamenya ko ico ari ikimenyetso c'urupfu kandi tukabironkera ivyitwazo mu kwigererenya n'ayandi mashengero, tuvuga ngo n'amahoro? . Ugomba rero kwibera amahoro no kwifatira inzira yoroshe y'ubukristo, ntuzobona ubushobozi bw'Imana mu bugingo bwawe. Ariko niwaba ugomba kuba mu kunengesera kw'ubushobozi bw'Imana niho uzoshobora kubona ibidasanzwe mu buzima bwawe, uheze ushobore gukora ibikorwa bizokwibukwa ibihe bidashira.

INTAMBUKO YA KABIRI: INYOTA Y 'IKANGURO

« Rakeli abonye atavyaranye na Yakobo akana, agirira ishavu mukuru we ;
abarira Yakobo, mpa abana; utabampaye mpfuma mpfa. » (Itanguriro30 :1)

Ukubona ko ata kanguro ririho ni kimwe ariko ukwifuza kurigira navyo ni ikindi. Ivyo ukwo ari bibiri womengo vyama bijana. Ariko siko biri. Mbega inyota yawe y'iryo kanguro igera hehe? Wategerezwa kuryifuza kugeza aho ritabonetse wokwemera gupfa, ukemera gutanga ubugingo bwawe kubw'abandi ngo bakizwe. Ataraho woba uri nk'umuringa uvuga , icuma kivuzwa kigasama, gifise urwamo rwinshi ariko ata kamaro. Nkuko igitabo ca Petero ca kabiri kibivuga, woba uri nk'isoko ikamye, nk'ibipfungu bikubebwa n'umuyaga ata mvura bifise. Tuvuga ko twifuza ikanguro ariko none turyifuza gushika hehe? Ikiguzi c'ikanguro naco kirengeyo rwose ico kamere yoshobora gukora. Bisaba ko Mpwemu Yera adukuramwo ukwikunda tukava mu kudibama tukishirako imibabaro y'umubiri wa Kristo. Uwo si umubabaro uwariwo wose , n'ukwitanga tutiziganya muvy'impwemu no muvy'umubiri kugira tubone Kristo ashirwa hejuru. Mu gitabu c'Ivyahishuriwe Yohana, Imana ntitubwira ngo abageragеje bazorya ku Giti c'Ubugingo ariko itubwira ngo abanesheje nibo bazokiryako. Intambamyi nyamukuru tubona ko ari ivyipfuzo vy'umubiri. Ni tuve rero mu bisanzwe n'ibihimbaro tuje mu kugendana n'Imana twice ingingo za kemere ,tugendere muri Mpwemu. Ukwo nikwo Imana igeza ukumaramaza kwacu, nikwo gusobanura impene mu ntama, igahagurutsa abahungu n'abakobwa bayo .

Ukwanka Impinduka

Abantu benshi ntibakunda impinduka. Bama bifuza ko ibintu bigenda uko babimenyereye gusa kandi ivyo barabishimikako. Biyubakira inzitiro irya n'ino bigumire mu mpore. Icokakaza gato ngo kirahindutse coca gihungabanya imitima yabo. Biraborohera cane kwigumira mu migenzo y'idini kurusha gutera intambwe mu kindi kintu cohindura ubuzima bwabo. Barandukiwe n'indwara yo "gusenga nk'uko vyamye nambere hose", bibagira ko "imikuza y'insatoya kera batayitaramwo vino nshasha. Ingorane n'uko bubatse ku matanguriro ashingiye

ku binyoma. Idini ni ivyiyumviro vya kamere vyo kugerageza guhimbara Imana. Iyo rero dufashe iyo kamere kugira dusobanure ivy'impwemu dusanga bidakunda. Ukwizera ni ukumenya rwose ivyizigirwa udakekeranya ngo ntibizoba. Iyo ivyizigiro vyawe bishingiye kuvyo ubona, biragoye kugira uzobone impinduka idasanzwe mw'ishengero urimwo.

Lazaro yakuwe mu mva y'amabuye ahambiriwe amaguru n'amaboko, azingiriyeko no mu maso igitambara c'imigenzo y'idini kuburyo atashobora no kubona. Abenshi uyu munsi bugaraniye mu mva z'imigenzo y'idini. Yesu aca abwira Lazaro ngo ave muri iyo migenzo abohoke. Bisaba ko Imana itembagaza ikibuye kugira babohoke ariko itegeko ry'Imana n'uko tubakurako igihuzu kibakingiriye mu maso. Ntibovyishoboza, duterezwa kubaterura mu masengesho kuko Imana yonyene niyo yoshobora kubakura muri ukwo gukomantarira mu migenzo ya kera.

Ubunebwe no Kuba Sindabibazwa

Hari abandi batifuza ikanguro babitewe n'ubunebwe. Bakwiye kumenya ko ikanguro riva mu bikorwa naho bamwe batabikunda. Bagomba ko hoba uwundi yobibakorera. Ntubabwire kwica kamere na canecane iyo hageze gufasha umuntu batazi, ntubabwire gusenga na canecane iyo ari ugukesha ijoro ryose kandi badasengera ivyabo, ntubabwire gushingira intahe abakijijwe, ikitavuzwe ni ukuyishingira abazimiye. Babeshejweho n'agakiza k'abapasitori babo, bibaza ko kazobajana mw'ijuru ariko bari bakwiye kumenya ko ushobora kwinyegeza mu rusengero ariko udashobora kwinyegeza urubanza rw'Imana.

Nkiri muto mu gakiza narabajije Umwami Yesu igituma abantu bamwe bakizwa abandi ntibakizwe, igituma bamwe baguma mu gakiza abandi bagasubira inyuma. Yanyishuye ati:"N'uko bamwe baravyitwararitse abandi ntibavyitwararitse". Ngico kimwe mu bintu bikomeye numvise. Uwariwe wese arashobora kubona ingorane ihari ariko atavyitayeho, azigumira mu kibanza aho aguwe neza. Tugomba ikanguro dutegerezwa kuva mri kameremere y'umubiri. Ntaco twokwishikanako Mpwemu Yera atadometse imitima yacu. Ni Imana yonyene yoturongora kandi

niyo yonyene duhanga amaso ngo iduhe iryo shaka ryo kuva hasi ariko dutegerezwa kurisaba. Mu gitabu ca Luka handitswe ngo ninde muri mwebwe w'umuvyeyi umwana wiwe yomusa ba umutsima akamuha ibuye? Mbega So wo mw'ijuru ntazoroshiriza guha Mpwemu Yera abamumusavye? Icaha cacu rero n'uko tutamusaba. Twomusaba, Data yoduha iyo nyota n'inkomezi zo gutwara uwo mutwaro aduhamagarira kugira.

Nkuko Se wa wamwana yasaba Yesu ati:"Fasha ukutizera kwanje!". Niko natwe twotakamba ngo ishire ishaka rihoraho mu mitima yacu. Twambaye imibiri ariko Imana irashoboye kuduha uwo mutwaro n'iryo shaka ry'ubweranda n'iryo kuzana abandi kuri Kristo. Ivyo nivyo bizotugira abadasanzwe. Ni tutasengera uwo mutwaro ntituzoteba kugwa tugasubira inyuma aho twahora.

Twabonye ko intambwe ya mbere ari ukubona ukwo kuri, iya kabiri ni ukurondera mu nyonga z'Imana kugira iduhe iyo nyota. Nta yindi nzira ihari. Umutima wawe utegerezwa gukurwa mw'itiro n'umururo uguma waka gushika ikanguro ribonetse. Uwo muriro utanwa n'untu bw'Imana. Kubw'ivyo rero reka turondere mu nyonga hayo. Dutegerezwa guhitamwo gutangurira ku gusaba Imana ngo idufashe mu bumuga bwacu bwo mu buryo bw'impwemu, ikatudomeka. Tugashishikara gushika turibonye. Tudendebukiwe naho tutarabona inyishu tuzoba dutaye umuhamagaro twahamagawe kandi kubera ico, tuba duhisemwo guhemukira Imana n'abantu baje kuri Kristo baciye kuri twebwe. Imana ntishobora kurungikira imitima abantu batitayeho kuyiengera no kuyisonzeshereza. Yobikora boca bisubirira mu vyaha kuko atawubagaburira ngo umuriro ugume waka. Iriko ishengero rifise iyo nyota yo kurondera mu nyonga h'Imana kubw'abatarakizwa, iyo Imana ibazanye rica ribafata nk'ingabire bakabanezererwa. Umusi izo ntege nke n'ukwo guhumwa amaso vyatuvuyeko tukabona hakurya, tuzosanga Imana nayo yaturindiranye igishika kuko tuyizera.

Tuzoba turiabantu b'abizigirwa Imana ishobora gukorana nabo ikazana ikanguro. Abacitse integer, abatizera n'abanyabwoba ntibazoshobora kwurira ngo bashike kure ku musozi Pisiga ngo barabe igihugu c'isezerano c'ikanguro. Aho tuhashikanwa n'ubuntu bw'Imana kugira ngo icubahiro kiyigarukeko kubw'ivyiza vyose bibikurikira.

INTAMBWE YA GATATU: UKWIHANA

"Maz'abantu banje bitirirwa izina ryanje ni bicisha bugufi bagasenga barondera mu nyonga hanje bagahindukira bakareka ingeso zabo mbi, nuko nanje nzokwumva ndi mw'ijuru, mparire ivyaha vyabo, nkize n'igihugu cabo."(2 Ngoma 7:14).

Uyu murongo wo mu gitabo c'ingoma ca kabiri uboneka nk'akamo k'ikanguro. Ariko kugira igihugu kigere kuri iyo ntambwe y'ukwihana hari abategerezwa kuba bari ku mavi basenga kuko ikintu cose kigira aho gihera.

Umuhamagaro w' Ukwezwa Ku Muntu

Nta kanguro rishoboka hatabayeho kwihana. Ikanguro ryose ryabayeho ryabanje gutangurirwa n'ukwihana gushitse no kugira imitima imenetse kwatumye haba ukwera kw'Imana mw'ishengero. Imbere yuko Imana ikora mw'ishengero hategerezwa kubaho ukwera, amatanguriro yera no kutabamwo icaha rikemera ubwiza bw' Imana.

Ukwo kwihana si ukw'uruhendo. Si ukuvuga amajambo gusa uko uyiyumvira canke ugomba kuyavuga. Gutegerezwa kuba ukwihana nyakwo kwo mu mutima I bwina. Si ukw'imirenzako nk'aho tumenyesha Imana amakosa twakoze ahubwo n'ukwo kuborogera Imana ngo itugirire ikigongwe.

Pawulo aratugabisha mu gitabu c'abaheburayo,igice ca cumi yuko tudashobora kwishimiriza ivya kera mu gakiza. Ubuzima bwacu bubwirizwa kwama bwerekana ukwera kw'Imana. Ivyaha vyacu bitegerezwa kuzanwa ku Muco, ku ntebe yayo y'imbabazi kugira twezwe rwose , tubabarirwe twongere kuba ibikoresho vyejejwe bigirira ikimazi Nyenevyo.

"Kuko namba dukora ivyaha ibigirankana kandi tumaze guhabwa kumenya ivy'ukuri, ntihaba hagisigaye ikimazi c'ivyaha, ariko haba hasigaye kwitegana ubwoba gucirwakw'iteke no kwitega umuriro w'inkazi uzorigata abansi b'Imana.

Ukengereye ivyagezwe vya Mose ivyabona bibiri canke bitatu biramwicisha ata kagongwe. Mugira ngo umuntu ntazoba akwiye guhanwa ibirushirije cane,

asiribanzwe Umwana w'Imana, akiyumvira amaraso y'isezerano yamwejeje kw'ar'igihumane, agacokora Mpwemu w'ubuntu?

Kuko tuzi uwavuze at'uguhora n'ukwanje, ni jewe nsubiriza mu nkoko, kand'ati Uhoraho azocira urubanza abantu biwe. Erega birateye ubwoba gukorokera mu maboko y'Imana nzima."(Abaheburayo 10:26-31)

"N'uko bene Data, ndabahanura kubw'imbabazi z'Imana ngo mutange imibiri yanyu ibe ibimazi bizima vyera, bihimbara Imana, ni kwo kuyikorera kwanyu kwogira ikimazi. Ntimushushanywe n'ivy'iki gihe, yamara muhinduke rwose , mugize imitima misha,kugira ngo mumenye neza ivy'Imana igomba, nivyo vyiza bishimwa, bitunganye rwose".(Abaroma12:1-2)

N'icaha twita ko ari ka ntaco kiba ari igisesema k'Uhuraho kuko kitohagarara mu kwera kwiwe. Uko twegera ubwiza bw'Umwami niko turushiriza kumurikirwa mu mitima yacu tukabona ububi bw'icaha kitwinyegezamwo. Aho niho duca tubona ububi bw'icaha bigatuma dupfukamira Imana kugeza tugihariwe.

Ndamaze kubona abakristo barizwa n'uko imisi bamaze yabaye iyisanzwe. Ukworosha , ugufata minenerwe ibintu bitera uruhumyi, ikibi naho coba gito kiba gihushanye n'umuco. Bagize ukwigaya kwinshi mu mitima bituma baborogera Imana bihana baturira imbere y'ishengero n'amajwi arenga, bavuga n'ibintu batahora babona ko ari bibi. N'ukwo kwihana kw'i bwina mu mutima kuzana ukwezwa kukagarukana umunezero n'ukubohoka kw'abantu, bakongera gukayangana. Ni ukumenera amabanga satani kuzana ukwidegemvya, ukuremerwa kukubavako. Niho bumva umunezero ubatera gushingira intahe abandi ata bwoba kuko baba babohotse. Ata kubohoka kuvuye mu kwezwa Imana ntishobora kwiyerekana. Ata kwezwa, ubushobozi bw'Imana buba bunyoshwe n'ivyondo bitwikiriye imitima yacu. Mu mategeko y'abalewi igicaniro caterezwa kuba gicucagiwe amaraso imbere y'uko bagiterekako ikimazi, igihe icaha kizoba cakuweho n'ubunebwe bukavaho, igicaniro kizoba gitunganijwe kandi cejejwe. Imana iheze ivyagire mw'ishengero yongere itunganye amashikanwa yacu.

Ukubohoka nikwo guha uwizera ubushizi bw'amanga n'inkomezi. Aho niho dushobora kwegera intebe y'Imana dushize ubwoba kubw'amaraso ya Yesu

tukakira amasezerano yayo kuko abagororotsi bashira amanga nk'intambwe; ukwezwa guca kuvyura ukwizera muribo, bakegera ijuru ubwaryo bagasenga basaba ivyo bifuza ku Mana. Baba ari ingabo z'Imana zihagaze mu bugororotsi zifashe amahembe y'igicaniro zatura amasezerano y'Imana. Ntibateshwa ngo bate Imana itabishuye. Ukwo nyene kwizera nikwo gutuma duhimbara Imana bigatuma yishura iyo dusenze. Itegerezwa kwishura kuko habaye ukwera guhambaye kandi abana bayo baba binjiye mu yindi ntambwe n'ukwizera idashobora kwirengagiza. Ukwihana kuzana ubugororotsi, ubugororotsi bukazana ukwizera, ukwizera nakwo kugashingura imisozi. Aho niho dushobora gusaba Imana ngo ishitse amasezerano yacu. Ikanguro riraje. Turavyemera, turavyatura, turavyizera, eka ntiritevye. Ubugororotsi nibwo bushimika amasezerano y'Imana.

Ukwihana Rusangi

Ukwihana kw'umuntu ku giti ciwe kurashobora gutuma haba ukwihana rusangi. Umuntu aca abona ingene yari yarasubiye inyuma mu migenderanire yiwe n'Imana agaca agaca atahura n'ingene we, ishengero n'igihugu batandukanye n'Imana. Ivyo yahora yita ibisanzwe aca abona ko noneho ari ibikorwa vy'umwiza w'umuzitanya atoshoboye kubona atarasiwe n'Umuco w'Imana. Aca atangazwa n'ukuntu yahora atabibona; ikibituma ni kemeremere. Ni twaba twifuza ikanguro rirengera amashengero yacu, reka turondere Imana izane ukwo guharirwa ku gihugu cose. Ububi bw'ugusubira inyuma buri ku gihugu cacu. Dutegerezwa gusaba imbabazi kubwacu twese. Umaze kubohoka ukwiye kugirira akagongwe abandi banyeshengero bononekariye muvyo wavuyemwo.

Yesu yahamagaye Lazaro ngo ave mu mva aca ahamagara abigishwa biwe ngo bamubohore igihuzu jewe ngereranya n'imigenzo y'idini. Ukwo niko natwe duhamagarigwa gusengera ishengero, turabe hirya y'ibidutandukanya, umwe asengere mugenziwe kuko nkuko urubanza ruzohera mu nzu y'Imana, reka n'amasengesho yacu yo gusaba imbabazi abe ariho ahera.

Daniyeli

"Mur'uwo mwaka wa mbere ari ku ngoma, jewe Daniyeli namenyeshejwe n'ibitabo igitigiri c'imyaka Yerusalemu hazomara ari imisaka kwar'imyaka mirongw'ibiri ariyo nyene ijambo ry'Uhoraho ryavuze,arivugishije Yeremiya. Mpanga amaso Umwami Imana niyegurire gusenga no gutakamba nisonzesha, nambaye amagunira,nisize umunyota".(Daniyeli 9:2,3)

Inkuru y'inagurwa rya Yerusalemu iratwereka ido n'ido ry'ibihe vy'ikanguro rikomeye muri Bibiliya. Umwanya ntutwemereye kwerekana ugusubira inyuma kwa Isirayeri, ingene abavugishwa batakambiye Imana n'ingene Imana yagiye ibacira imanza, ariko mu rubanza rwose Imana yagiye ibacira haba harimwo imbuto z'ikanguro ryaca rikurikira. Daniyeli yabaye imwe muri izo mbuto; Yesaya yashize Kuro ku ngoma aho atanga ibwirizwa, Esiteri yatumye Dariyo aryemeza, Nehemiya na Ezira n'abandi bakora ibindi. Ubuvugishwa bwaranditswe, ikibanza kirategurwa ariko ni Daniyeli yagisengeyemwo.

Iyo usomye ijambo ry'Imana mu vyanditswe vyera umenya ko ari iry'ukuri. Ni iryanditswe, n'Imana yarivuze, ryarashinzwe, ribwirizwa gushika. Daniyeli yari yarasomye mu gitabu yuko bamaze imyaka mirongw'irindwi mu kinyago i Baburoni hanyuma Uhoraho akanagura i Yerusalemu. Abisirayeli bari barataye Imana bituma batwarwa nk'inyagano i Baburoni. Ariko hano tubona ihishurwa ry'imbabazi z'Imana zitangaje. Imyaka mirongw'indwi rero igira ishike, Daniyeli amenya ko ukunagurwa kuri hafi.

Naho vyari vyanditswe mw'ijambo ry'Imana kandi igihe c'ikanguro cari kibashikiriye, mbega Daniyeli yaciye ahamagara abagenzi ngo baririmbe banezerwe? Mbega baciye bihutira guhimbarirwa ivyo vyizigiro vy'iryo nagurwa? Haba namba! Daniyeli yari umuntu azi ubwenge cane, yarazi yuko ata kwihana kubaye ata kanguro rishoboka.

Mu gushika muri ico gihe ciza cane c'ubuntu bw'Imana, hategerezwa kubaho ukwihana atari ukw'umuntu ku giti ciwe ahubwo ari ukw'abantu b'Imana bose. Hategerezwa kuba abapfukama bagasenga nka Daniyeli. Niwe yasenze isengesho ry'ukwihana tubona ariryo rirerire kuruta ayandi mw'isezerano rya kera.

Uwitwa E.M Bounds yaranditse aravuga ati:"Nta gikorwa gisaba isengesho Imana izigera ikora badasenze". Nukuri Imana yoshoboye gukora vyose ariko ntibikora yonyene ariko ibikoresha umuntu. Natwe tiri umubiri wayo, turi amaboko n'amaguru y'ubutumwa bwiza. Amasengesho yacu rero niyo ahamburura amaboko yayo, ukwizera kwacu nakwo kukarandura imisozi. N'ubugombe bwayo ko tuba ibikoresho vy'ubuntu bwayo mu gukurikira akarorero k'umwana wayo Yesu Kristo.

Nehemiya

Na Nehemiya yaratahuye ukwo kuri. Yumvise inkuru z'ugusangangurwa kw'I Yerusalemu vyatumye agira umubabaro ararira. Yerusalemu niho hari ingoro y'ubwiza bw'Imana ariko ico gihe hari harasambuwe kubera ivyaha vy'abantu bayo, bica bituntuza umutima wa Nehemiya. Nk'umusuku w'umwami yararonse uruhusha rwo kuja gusanura igisagara ariko kandi yaramenye ko hatabaye ukwihana kubw'ivyaha vy'abantu ataco vyari kuvamwo aca amara imisi asenga ijoro n'umurango, yisonzesheje kugira ngo Imana iharire abantu yongere imuhangaze umwami amuhe uruhusha. Ukwo ni ugusenga gukomeye, ijoro n'umutaga yisonzesha, yiteze inyishu y'Imana. Hari ibihe udashobora kwibwira ngo" kumbure Imana ivuga ngo. ", haraho wumva uterezwa kuronka vyukuri inyishu iva ku Mana. Ico uca ushira ku ruhande ivyifuzo vya kamere n'ugisa navyo cose, ukarambarara imbere y'Ishobora kugukiza, ukahaguma gushitsa inyishu ibonetse. Nehemiya yarabikoze kubw'ubwoko bwiwe bwari mu kinyago. Ntakundi yari kubigenza.

Natwe turi abasuku b'Umwami bicaye mu bunyagano bw'isi mu gihe ishengero risangangutse. Inzitiro z'agakiza bo n'ingoro y'Umwami vyarasenyutse, ishengero risigara ritagira ikirirwanira. Dutegerezwa rero nka Yeremiya na Daniyeli, tukabanza kumenya igituma turi mu ngorane tugatabaza Imana igakiza ishengero n'igihugu vyacu. Ivyo tutabivuze, nigute Imana yoreka kuducira urubanza? Tutavyakiranye imitima imenetse ntitwoba twarahindutse kandi n'abantu boca bigumira mu vyaha.

Ng'iki ikigeza umutima w'umukristo. Mbega icaha cacu kiratubabaza? Mbega biradutuntuza kugera aho mu kugaruka ku Mana dusenga tukisonzesha ijoro

n’umurango? Mbega ugutsindwa bo n’ivyaha vy’abantu biratuma tuborogera Imana ngo ibagire imbabazi?

Eliya

Eliya yahanganye n’uruhome rw’amabuye arirwo mitima idatunganye k’umusozi Karumeli. Yari yahamagawe mu gihe c’umusesekara. Imirima itotahaye n’inzuzi zitemba hirya no hino y’iwe, ahagarara imbere y’umwami maze abarira abantu uguhagarara kw’imvura. Abantu bose baramutwenga nk’abamunegura, ariko hashize imyaka 3 nta muntu n’umwe yaragitwenga. Urugero ugutara kw’imvura kwagezeko rwasobanura akaga ko mu mpwemu kw’igihugu, ariko abantu bose biyumvira ko ikosa ritari iryabo, ahubgo ryari iry’uwuvugishwa n’Imana. Mbega ukuntu bitugora ukwacu gusubira inyuma! Kandi mbega ukuntu bitworohera kurenganya abo Uhoraho yahagurukije kutugarukana ku kwihana kugira ngo dukizwe!

Eliya yahamagaje igihinyuza ca nyuma nk’uk’ urutonde rw’idini ry’ico gihe rwavuga. Abandi bavugishwa n’Imana bose bari barishwe, urets’inkehwa bo mw’ibanga bari basigaye mu rwihisho. Ba kamenyi ba Bayali bari amajana ane na mirongwitanu(450) bahanganye n’uwvugishwa n’Imana umwe rudende.

Isirayeli kari agahugu gato, k’uburyo ico gitigiri ca ba kamenyi ba Bayali ca sigura ko ba tegerezwa kuba aba kuru b’amashengero yo mumicungararo ari mu bisagara vy’Isirayeli. Aba n’abagabo barongoye mu ba kobga n’abahungu banyu, babatirije abana banyu, kandi barongoye amashengero yo mumicungararo yanyu. Mwarabamenye mu mazina yabo. Bari abarongozi b’imiryango, ariko bari bahurumbiye ama dini y’ibinyoma y’ico gihe. Nta n’iciyumviro bari bafise c’uko badatunganye imbere y’Imana. Ahubwo bobo biyumvira k’Imana yari bubumve hanyum’ikarungika umuriro ikerek’uyu mudometsi, uwuvugishwa n’Imana acir’imanza ko aribo batunganye imbere y’Imana mu kuri…nk’uko babikora uno musi.

Ariko se, ab’umwete nk’uwa Eliya b’uno musi bari he? Twarimenyererey’imigenzo y’amadini yiganziy’ aho tubaye gushika n’ah’umuntu wese ahagurutse ngw’avyatagure k’ar’uburyo bwo kuva k’Uhoraho atemerwa agafatwa nka

nyamuj'irya n'ino, acir'imanz'abandi, w'indanza rugero. Nk'uko vyari kuri Eliya, Ubutumwa bwo kwubah'Imana bufatwa nk'ubuzan'amacakubiri, mugih' ubutumwa bw'ibinyoma bw'urukundo rudafatiye k'ukugororoka bufatwa kw'ar'ubw'ubugwaneza kandi bw'Imana. Twahisemwo kwi cobogorera kand'abavugishwa n'Imana bahagurukiye ubugingo bwabo.

Ariko Eliya yamenye ko ku Mana igihe co kwerekan ubugororotsi bwayo cari cashitse. Hanyuma yo kunanigwa kwa ba kamenyi ba Bayali, Eliya asanasana imishinge [amatanguriro] y'ishengero mu kwubak igicaniro n'amabuye kama Atari ayaringanijwe n'amaboko y'abantu. Igicaniro c'ukuri c'Uhoraho ntigishobora kwubakwa kw'idini ry'umuntu, ariko cu bakwa ku mushinge wubatswe n'Imana.

Maz araheza asuk'imibindi y'amazi ku kimazi co kwoswa umwe ku wundi. Yongera agira kuno nyene izindi ncuro zibiri. Aho hari hejuru ku musozi mugihe ugutara kw'imvura kwari kwatikije inganda inzuzi zose zarakamye. Baategerezwa kuba barinze kuja mu kiyaga kuronder amazi hanyuma bakayadugana ku gasongero k'umusozi Karumeli. Aho bakuye amazi hose, bategerezwa kuba bakoresheje inguvu nyinshi cane. Muri Bibiliya, amazi agereranywa n'Ijambo ry'Imana ryeza nk'uko biboneka mu Banyefeso 5:26, mu mi bindi y'amabuye I Kana h'i Galilaya, hamwe kandi n'ivy'ikigarigari c'umuringa mu ihema ry'Imana(kuvayo30:17). Ntaco bitwaye uko vyoba bikugora kwose kugira ngo wiyuzuze Ijambo ry'Imana. Ni nkenerwa cane kuk' umuriro w'Imana ntuzomanuka ikimazi co kwonsa kitadindiye mw'Ijambo ry'Imana. Nta nkomezi, nta burebure bw'amajepfo , nta bwenge, nta n'ukwizera vyo gufash intambwe nyayo ku Mana, iryo Jambo utarifise.

Mbega none igihe umuriro wamanuka, waje uzanye ikanguro? Nti ryari kure. Baravuze bati, "Uhoraho ni we Mana, Uhoraho ni we Mana!", ariko kubimenya sikwo kwihana. Bo bishakira kwemera aho ba kamenyi babo bicirwa ku mugezi KIshoni nk'ikimenyetso co kwereshwa, ariko nti bipfuza guhundagara ngo bace bugufi ku mavi n'imitima imenetse kubgo umubabaro wo kwanaka icaha. Bari bitayeho ubwabo bugingo kuruta ukwo bari bitaywho ubugingo bw'ishengero ryabo. Nta kwihana gushitse kwabaye kwari gutuma bakuraho indare z'igihugu cabo.

Eliya nta kanguro yarafise, kandi na Elisa yamusubiriye nawe nyene ntaryo yari afise. Ni ngomgba habe ukwihana gushitse ku burebure kugira ngo umubiri wose ukanguke, kandi ivyo ntivyari gushika ubwo nyene, ni mpaka hace imyaka myinshi. N'aho uwuvugishwa n'Imana yari umuntu w'Imana vy'ukuri, umushike wa Isirayeli ntiwari bga menwe kugira ngo wakire imbuto, ku bg'ivyo nta n'ivyimburwa vyari gushobora kumera muri iryo vu rigadutse.

Ni kubera iki tutabona ukuri kwo mu buryo bw'i mpwemu? Ni kubera iki bitugora cane kujanjagura imitima yacu kugira ngo ntitugaruke gusa ku Mana ku bw'igihugu cacu, ahubwo tugaruke dushike no kuri uko kwihana kujanjaguritse Iman idusaba? Ukwipfuza kuvanze n'ubwansi n'agakandamizo bidukoza isoni gusa. Mu ruhande rumwe ku bw'urwo ruvange harakenerwa inzara y' ukugororka, ugashaka ikindi kintu Atari ico isi itanga nk'umunezero n'ubutunzi. Ndemeza vy'ukuri ko abantu ku gasongero k'umusozi Karumeli bari bafise icipfuzo kirengeye co gusubira mu buzima bwabo bw'ubutunzi, atari ukugaruka ku kwera. Imitima yabo ntiyari imenetse ku bw'icaha vabo−bemeye ikosha ryabo gusa.

Hari isi zibiri−iyo tubona hirya no hino yacu n'iyindi ihoraho. Uko dushishikara kuba muri imwe, niko tuba turiko turegera kure y'iyindi. Igihe cose ata nzare dufise yo kwera, imihimbaro y'iyi si iraduhuma amaso ngo ntitubone kure y'ubu bugingo bwacu bwa misi yose. Mu migani haratubwira hati, "Iyo hatari uguhishurigwa, abantu barahona". Turakwiriye kubona kure y'umusozi Karumeli tunabone igihugu citereye kandi tunakigomwe nk'uko ariho honyene i wacu. Iyo turenganye igisika c'iyi si kugira ngo dutahure gose inyanduruko y'ivyizigirwa, nico gihe conyene dushobora na ntaryo kuvavanura n'ivy'ifuzo vy'uyu mubiri.

Kwipfuza kugororoka bihishura ukugomba kwacu ko kwihana, Atari ku bwacu gusa, ariko ku bw'abacu, igihugu cacu, no ku bw'amashengero. Ivyo bibaye, tuzomena umushike w'imitima yacu hanyuma tubone guteragirawmo imbuto z'ikanguro. Ibi bifata igihe kirekire n'umutima wiyemeje udahengeshanya n'aho igihhe comera nk'ikiba kirekire. NTa kindi kintu coza gisimbura ivyo n'aho ishengero ryoba ribereye ijisho gute. Ikanguro nya kuri rije riva ku gicaniro c'Imana ni ryo ryonyene rizohaza icipfuzo Imana yashize mu mitima imukorera.

Ico ni co gituma Nehemiya yasenze akobeje−yategerezwa kushika ku kintu nyakuri. Ni co gituma Eliya yashize ubugingo bwiwek'umurongo, ni co gituma Daniyeli yapfukamye ku mavi yiwe, ni naco gituma kandi abakozweko n'ugutakamba kwa Rakeli ngo "Mpa abana; utabampaye, mpfuma mpfa", bazokobeza gusenga no kwisonzesha gushika Imana ibishuye.Ni mpaka ubwo buntu bwo kwishurwa buronkwe, atari ivyo ikanguro ntiryoboneka.

IV. Intambwe ya 4–Urugamba

“Kandi ni mwaba mu gihugu canyu, mugatabara kurwnya ababisha babateye, muze muvuze izo nzumbete ijwi rirenga, maze muzokwibukwa nanje, Uhoraho Imana yanyu, mukizwe abansi banyu.” Guharura10:9

“Ni muvugirize I nzamba I Siyoni, muvugirize induru ku musozi wanje wera; ababa mu gihugu bose bahinde agashitsi: kuko wa musi w’Uhoraho uje, ushitse hafi.” Yoweli 2:1

Inzumbete zibiri zokozwe mw’ifeza zakoreshwa muguhamagaza abantu ngo bakoranire hamwe. Igihe zikoreshejwe mu kuvugiriza induru, kwaba ari ukwegwraniriza abantu b’Imana gutonda urugamba. Duhamagariwe gutonda urugamba, kandi ibirwanishwa Imana iha aba kristo biba ivy’inkomezi biciye muri yo mugusubiza hasi ico cose cishra hejuru kirwnya ivyo menywa vy’Imana. Paulo asobanura Ijambo ry’Imana nk’inkota yacu, ukugororoka nk’icuma gikingira igikiriza, agakiza nk’inkofero yacu, ukwizera nk’inkinzo yacu. Duhamagarirwa kurwana intambara nziza y’ukwizera. Intambara y’Umuco n’Umwiza ni yo huriro ry’ibivugwa muri Bibiliya uhereye mw’Itanguriro gushika mu Vyahishuriwe Yohana kandi isobanura uguhamagarwa kwacu ko ari kuba abasirikare b’Uhoraho nyene Ingabo. Iyi ni intambara, kandi ntizohagarara gushika tuvuye muri uyu mubiri.

Ntidushobora kuba absirikare b’ukuri nimbi tudafise ico duhiganira. Umutima wacu ntiwonagishikamwo, inyishu yaco ntizoba iyuzuye, kandi integen’ukumaramaza vyacu ntaco vyoshikako tutemeye guca mubi tubabaza bidushikira ku bw’Ubwamibw’Imana. Ivyo ntibizigera bishika kw’ishengero ritararengana izi ntambwe zitatu (3) za mbere ari zo: Kwemwra, kugomba no kwihana. Tumaze kurengana izo ntambwe zitatu (3), ni co gihe conyene dushobora kuba abiteguye kurwana iyo ntambara y’Ukuri kw’Imana gushitsa k’urupfu.

Imana iravuag iti:

“NI muvugirize inzamba I Siyoni, mushinge igihe co kwisonzesha, mutangaze hose, habe ikoraniro ry’agahebuza, mukoranye babntu, mwzwe ikoraniro, mwegeranye abatama, mukoranye abana n’abakiri kw’ibere; umukwe n’asohoke mu nzu yiwe, n’umugeni n’ave mu nkinga. Abaherezi, aribo basuku b’Uhoraho, ni baririre hagati y’ikirimba c’inyubakwa n’igicaniro, bavuge, bati Hanagaza abantu bawe, ewe Uhoraho, ntutange ishamvu yawe ngw’ibe agatukisha, cank’amahaga ngw’ayiganze; n’iki kibavugisha mu mahanga, ngw’Imana yabo iri hehe?

Maz'Uhoraho agira ishaka igihugu ciwe, agirira ikigongwe abantu biwe. Uhoraho yishura abantu biwe., at'Ehe ngira mbarungikire amasaka na vino n'amavuta ya elayo, maze muzota akabi: kandi sinzosubira kubahindura agatukisha mu mahanga." Yoweli 2:15-19

Uyu ni umuhamagaro w'isengesho ry'ibwina. Si nko gusengera uburibwe busanzwe bw 'ikirenge, vcanke umwitwarariko wo kuranka akazi, canke kwongarwa amahera ("Si isengesho ry' ukujandajanda") −ni uguhamagarirwa isengesho rinyigantiza intebe y'Imana ku bw'ikanguro rikwira igihugu cose iyo kiva kikagera. Turamenyereye ivyiyumviro vy'iyi si no kwigumira mugukorana "nk'uko vyama". N'Uguhamagarirwa gutonda urugamba.

Ingabo Yoweli avuga mu gice ca 2 zirakara, zirahambaye, kandi ziramaramaje, ntizivanga n'ibitari ivy'urugamba, kandi ibi ntibisa na gato n'ivyo tubona mu rusengero uno musi. Ntibahahamiye ivy'iyi si kandi ntibahengekera uw'ubutumwa bwabo bwo kwihana burimwo burasugereza. Umuriro wabo udomekerw aku gicaniro c'Imana kandi ntuzozima gushitsa aho izogarukira. Nta kintu nakimwe kizoshobora kubitambika imbere. Uhoraho niwe yabatumye kandi yatuye ijwi imbere yabo, kandi bazoba mu basanganira Uhoraho agarutse bafise inkomezi n'ubushobozi biva kw'ishaka ryiwe.

Mbega ibi vyoba bisa n'ubutumwa tubwirwa murusengero canke ku mboneshakure mur'iyi misi? Ibi si ubutumwa bwiza "buryohera ugutwi" abungere bacu bishinga kutugaburira. Iri ni ishaka ritunyengetera rikatwuzura kandi ryirukana abagura amahera mu ngoro y'Imana. Ntibizokirayo kuboneka mu mashengero yacu y'akazuyazi kuko atazoba arimwo ivu ryiza . Ni umuriro wateguriwe guturira imiguruka kandi wongere weze ighugu.

Ukurwana gukaze nk'uku gukomoka kw'isengesho naryo rikaze. Isengesho risanzwe ryo "muga cerere" ntirizovyara indugumba ikwiye ngo ishobore kwtsa uyu muriro. Kugiranira "akaganiro gato [kadafashe] na Yesu" ntibizokwugurura amarembo y'ijuru ngo haboneke ingabo nk'izi. Ibi bisaba isengesho ry'inkomezi kandi rimaramaje ry'ingabo ziniha mu marira no kuboroga kugira ngo zinyiganyize inking z'ijuru kugira ngo Imana inyiganyige igire ico ikoze.

Uku ni ukwizera kuvuga guti, "Si nzonyiganyizwa, sinzocika integer, sinzohengeshanya. Nzocakira ngumye amahembe y'igicaniro nature amasezerano

y’Imana gushika ijuru rinyiganyize, isi inyiganyige, hanyuma Imana isuke ikanguro!”

Imbere yo kwambara ibirwanishwa ngo tuje mumayira gutonda urugamba mu muvuduko ukwiye, dutegerezwa gutahura neza ko intambara tutazoyitsindira aho muri ayo mabarabara tutabanjije kuyitsindira mw’isengesho ryo mu cumba. Kandi ntimugire ngo ni isengesho risanzwe, ariko ni isengesho rikovya gushitsa ku nyishu. Inkomezi mu Mana ziva mu ntsinzi y’intambara itoroshe ironkerwa mw’isengesho ryo mu cumba, kandi izo nkomezi zitabayeho, ibizogaragara vyose kubahona n’ukugerageza kugororoka bivuye ku nkomezi z’uyu mubiri utarimwo Mpwemu w’Imana.

Umusirikare wa Kristo siwe wenyene akwirirye kuba uwiteguye, ahubwo n’imitima ya zimiye iri impande zose zo mw’isi. Imitima y’abo bariko baja mumahonero itegerezwa nayo nyene kuba iyiteguriye kwakira Ukuri nawe uba witeguriye kubabwira bitabaye uko, ukwo kuri kuzosanga ata si imera iri mu mitima yabo ikenewe ngo gushobore gushing imizi. Ushobora kuronka ico kurobesha ciza n’umwambo mwiza mw’isi yose nzima, ariko ifi zidashonje ntizizokwigera ziraba n’iryahumye uwo mwambo. Harakenewe isengesho kugirango ryerekeze Mpwemu w’Imana kwiburuza inzara yo gutahura Ukuri muri iyo mitima y’ab’isi imbere y’uko dusanga imitima yiteguye kwakira agakiza.

Ukwizera si ukwemera ko Imana “ishobora” gukora ibintu. Ivyo vyo n’igipfu kiravyemera. Ukwizera nyakuri ni ukwemera mu mutima ko Imana “igira” ikore, kandi ko udahengeshanya gusenga gushitsa ibikoze. Ibidashitsa kuri urwo rugero, ntibiba ari ukwizera nyakuri, ahubwo uba ari umwikeko gusa. Mbega hari ukwizera nk’ukwo tubona uno musi? Turamaze kubona ibikorane vyinshi vyo gukesha amajoro abantu basengaijoro ryose gushika umutwenzi tamanzuye kugira ngo imitima ikizwe. Twaremereye ukuzuyaza kwacu kujongorora ishaka ryacu ryo kuzana abandi kuri Kristo, ingaruka zavyo twashahuye ishengero rya Kristo. Dusenga nk’abagore, ntidusenge nk’ingabo. (Canke data nari kuvuga abakobwa bato, kuko mu bagore bacu harimwo ingabo zisenga isengesho rihambaye zikanamika bamwe muri twebwe.)

Yoweli ashimikira kukwezwa gushitse kw'ishengero rya Kristo n'ukwiyemeza wese gusenga isengesho rishimitse imbere y'uko Uhoraho yishura. Uku kwezwa gushobora kuva kuri abo banyotewe kbona ugukora kw'Imana. Ntibashobora guhazwa n'ikintu ic'ari co cose atari ikanguro rikwira igihugu cose. IKi nico Imana yabahamagariye. Ibi ntibishikwako mukanya isase, ariko ni ibihingurwa vyaciye mu muriro w'inkazi waste igihe kitari gito urimwo uraturira imyitwarariko n'ivyifpuzo vy'umubiri. Nta kindi kibahimbara atari "Mpa kuzana imitima kuri Kristo, utayimpaye, mfpuma mfpa!"

Ni kuri iyi ntambwe Imana yumva masengesho yacu ikanatwishura. N'ab'Isirayeli uri Egiputa vyabatwaye imyaka amajana ane (400) irenga kugirango bashike muri ico kibanza co kugirira inyota imitima iyubaha Imana itarumva amasengesho yabo iri mw'ijuru. None twebwe uno munsi, bizodufata igihe kingana gute kugira ngo kuri urwo rugero rwo kubona aka kaga?

Ariko aho nitwahashika, izotwumva.

V. INYISHU

“Ewe gihugu, ntaco utinya, nezerwa, uhimbarwe, kuk’Uhoraho yakoze ibihambaye. Namwe bikoko vyo mw’ishamba, nta co mutiny; kuk;ubwatsi bgo mu bgeranyange bgongeye kumera, n’ibiti bisubiye kwama, n’imisukoni bo n’imizabibu bitengengeye.

Noneho ni munazerwe, yemwe bantu b’I Siyoni, munezererewre Uhiraho Imana yanyu: kukw’ibahaye Imvura y’agatasi ku rugero rukwiye, kukw’ibarekuriye imvura, ikabaha iy’agatasi n’iy’urushana nk’ubga mbere.

Imbuga zizokurak’ingano, n’amato azobogaboga vino n’amavuta ya elayo.

Kandi nzobashumbusha iyo myaka mwamaze inzige zisanganguye ivyanyu, zimwe zararaye n’iziatraguruka n’iziyigiza n’izikegeta, ni zo za ngabo zanje nabagomoreye ngo zibatere.

Kandi muzorya, mute akabi, muhimbaze izina ryanje, jewe Uhoraho Imana yanyu, nabakoreye ibitangaza: kandi abantu banje ntibazokwongera kumaramara.” Yoweli 2:21-26

Isezerano ry’Imana n’uko, nitwarondera munyonga hayo biciye mu kwihana gushitse, izotwumva itwishure itwereke ibihambaye n’ibiteye ubwoba tutari bwamenye. Imana irashaka kandi iritwararitse ikanguro gusumba uko twebwe uko turyitwararitse.

“Uhoraho yishura abantu biwe at’Ehe ngira mbarungikire amasaka na vino n’amavuta ya elayo, maze muzota akabi…” Yoweli 2:19

Imanza z’Imana zigesa amasaka, vino, n’amavuta ya elayo kw’ishengero, ariko imanza ntizagenewe gusa kuba nk’igihano c’icaha, ahubwo ni n’umuhamagaro ku kugororoka isezerana mugushumbushisha amasaka, vino, n’amavuta ya elayo biba vyomye ku nzu y’Imana. Ugutandukana n’Imana bituma tutamenya amabanga, ubutunzi bunyegejwe mw’Ijambo ry’Imana rihishurwa gusa na Mpwemu w’Imana. Aya ni mamasaka yari yarasesaguwe. Nimwibaze namwe ubutunzi twasesaguye kubera kutagendera mugushikirana n’Imana bishitse! Ariko namwe nimwibaze ukuntu bishemeye kubona uruzi rw’ubwenge ruzohishurwa ni twibira mw’Ijambo ry’Imana. Ukwemera kuva ku kwumva, no kwumva kuzanwa n’Ijambo ry’Imana, ariko amatwi yacu yazibiwe no gucudika hamwe n’ivy’iyi si. Ubu, amatwi yacu azokwumva, n’ukwizera kwacu kuzoshika ku zindi ngero zizozitura ibirengeye ubwenge mubuzima bwacu no mubuzima bw’ivyo dukozeko vyose.

Vino y'Imana ni ukwo gushikirana n'Imana kw'ibwina mw'isengesho uganira nayo. Twarasomye ingene basogokuruza bashobora kunihira mw'isengesho n'amarira mumasaha menshi, ndetse n'ijoro ryise imbere y'Imana. Aba bantu ntibari bashoboye gusenga nk'ukwo kubera ko bari bafise inkomezi z'ukugomba guhambaye canke biturutse ku myimenyerezo y'indero ihambaye. Bisaba inkomezi zivuye ku Mana. Mpwemu w'Imana yabahaye umuyoboro n'ugushaka kurenga imbibe z'ivyiyumviro n'uyu mubiri kugira ngo bakobeze mw'isengesho rishika kuri urwo rugero. Ayo merekero asa n'ayazimangaye mw'isengesho rya kino gihe, ariko Imana iravuga ko izongera kuyarungika.

Umunezero utangwa no kumenenganya ukanyiganyiza intebe y'Imana ku bw'isengesho rihambaye kandi rikovya, ni ikintu udashobora kwigera ushikako wishinze "kuganira na Yesu mu buryo badafashe". Biguha intsinzi n'umunezero kandi bigatuma ukugendana n'Imana kwawe kuba ukw'inkomezi nyinshi. Uba ugenda womekanye n'uwanesheje mukumenenganya ibihome vy'umurwanizi. Ukwizigira kwawe ko amasengesho yawe yishurwa nta mbibe kuba kugifise, kuko n'imisozi itabwa mu kiyaga, kuko ubuntufise ukwizigira mu Mana gusa, ahubwo ufise ukwizigira kw'Imana kuko umaze igihe kandi wama imbere yayo, kandi ukugoyagoya kw'iyi si ya none kuba kwakuvuyeko. Ico gihe urashobora guhagarika izuba, wohagarika imvura kurwa, wohamagaza umuriro w'Imana ukururuka, kandi wonahamagara imvura y'ikanguro igiye kurwa ikururuka.

Amavuta ya Mpwemu Year Yoweri avuga ko Imana igiye gishumbusha yarabuze igihe kirekire cane gushika n'aho uno munsi tutabona ico dukenye. Ingaruka duca duhura nazo, tubona ko ubusobanuzi butarimwo ubuzima, inyigisho, n'urutonde rw'ibikorwa vy'Imana bishimikiye k'ubwacu buhinga. Twaramaze kwemeranya muri twebwe ko inyishu iri mu nyigisho ndora Mana kandi ko kugera kure mu vy'ubumenyi bizoduhesha vyose. Leonard Ravenhill yavuze ngo igihe kimwe twarigeze kuba dufise abasobanuzi b'ijambo ry'Imana batageze kure mu vy'ubumenyi ariko buzuye umuriro w'Imana, ariko uno munsi abasobanura ijambo ry'Imana bafise ubumenyi bw'isi bwinshi ariko batagira umuriro w'Imana. Ayo mavuta azokwongera acuncuburwe maze ubugingo bwongere bwinjire mw'ishengero. Iyumvire nawe ukuntu bidyoshe kwubakwa n'Ubutumwa Bwiza gushitsa aho bikunanira kwihangana gurindira igihe uzosubirira mu misa,

ukanagera aho ubona ko bikwiriye gusenga iminsi yose! Gusenga ku minsi y'Imana gusa ntibiba bikikubumba. Uca wama urimwo uratangariza abo muhura bose ukungene ubutumwa bwiza butangaje. Imitima ishonje izokwandururka ikizwe, Atari ku bw'urufatiro rw'ivyizerwa rwacu canke ukwemera kwacu, ariko kuko bazoba babona umuriro uri mu maso yacu. Iri ni ikanguro; ibi ni ibikoroka biva hejuru kure Yesayayavuze mu gice ca 32:15

"Noneho ni munezerwe, yemwe bantu b'I Siyoni, munezererwe Uhoraho Imana yanyu: kukw'ibahaye imvura y'agatasi ku rugero rukwiye, kukw'ibarekuriye imvura, ikabaha iy'agatasi n'iy'urushana nk'ubga mbwere." Yoweli 2:23

Imisukoni bo n'imizabibu bizokwongera gutengengera, kandi uko ubuzima buzoba bwongeye gutemba muri twebwe, tuzokwama ivyamwa vyinshi kandi ntituzongera kuba nk'umugore w'ingumba. Iyo mura igira irwe niyo izanye ubuzima mu bugararwa. Si imvura isanzwe, kuko arekuye imvura y'agatasi n'iy'urushana nk'ubwa mbere−igira icuncubuke.

Igihe Eliya yabarira Ahabu, "numva kakariri k'imvura nyinshi". Aka kariri n'akariri k'urunani rw'amasengesho y'abera aduga mw'ijuru batakambira Imana ngo ikize imitima. Niwumva ako kariri, imvura ntiza kuba iri kure. Iri kanguro rije rizōkōngēza mukugirira inyota Imana kutabayeho ngo iduharire, idushumbushe, no kuzana iyo mitima kuri Kristo twirengagije. Ni akariri k'inkomezi nyinshi. Kandi ukwishurwa kuzoba ari imvura icuncubuka cane itigeze kuboneka na mbere.

"Imbuga zizokwuzurakw'ingano…" Yoweli 2:24

Ni izihe mbuga zizokwuzurako ingano? Ni imbuga zo gukubutirako ariyo mashengero yacu. Imitima niyo mwimbu Yesu atumako intumwa ziwe kwimbura. Uwo mwimbu utegerezwa gushombwa ukazanwa ku mbuga zo kuwuhurirako aho uhingurirwa mukuwukubita kugira ngo batandukanye ingano n'umuguruka. Iki ni igikorwa c'ishengero kugira ngo rironkemwo intete [imbuto] nzizanziza zitagira imiguruka. Imbuga ntizizocagatira canke ngo zihakwe kwuzura−zizonungesera imitma iza kurondera Yesu Kristo ngo ababere Umukiza wabo. Ku bicaniro hazuzuzra, ivyicaro vyuzure abantu, kandi abantu bazobura n'aho bahagarara ukwo bazoguma baza ku Mana, bihutira gukizwa.

« … n'amato azobogaboga vino n'amavuta ya elayo. »

Si ukwuzura, ni ukubogaboga! Tuzorangerwa na Mpwemu w'Imana hanyuma tudwebere mumatazirano. Abantu bake uno munsi nibo bazi ukwuzura Mpwemu w'Imana akakuzako akakurengera nawe ukadwebera muri we. Ntushobora guhagarara ngo bikunde, ntiwiyumvira, ntushobora kuvuga n'ikintu na kimwe ahubwo uguma waturira Imana amatazirano. Uca wumvikana mumajambo nk'uwaborewe Mpwemu. N'ikirere ubwaco kica cuzura kikākāka ubwiza bw'Imana.

« … Kandi muzorya, mute akabi, muhimbaze izina ryanje, jewe Uhoraho Imana yanyu, nabakoreye ibitangaza. »

Mwashake mwungure ivyiyumviro vyanyu mubishikane kure cane uko mushoboye, ariko ivyo Imana ikora bizokwama ari ibitangaje mu maso yanyu. Izokora ibintu tutarigera tubona cank twiyumvira. Iri kanguro rizoba rigoye gutahura…kandi rizoba ritangaje!

Izoshumbusha imyaka yatakaye. Izoduza ikiyaya c'amagufa yumye muri Ezekiyeli 37. Izoshumbusha umugeni wayo w'igiciro yongere imuhamagare kandi aze aho iri mu majambo y'agakura y'urukundo asumba ayigeze kwumvikana.

Intambwe zigufasha kubishira mu ngiro.

Ni ibintu vyoroshe cane ko turandagata twirirwa turavuga n'akarimi gasosa intumbero nziza cane zishobora gushikwako, ariko hamwe twoba tudatahura neza uburyo izo ntumbero twozishikako, twosigara inyuma twishinga kujabajaba hirya no hino turondera inzira. Mukanya tutanatevye, kuko za ngoga zacu (rya shaka ryacu) zashuhagirijwe ubusa, twosanga ataho tuvuye ata n'aho tugiye. Turakeneye cane intambuko zo kwimenyereza kugirango ni twahaguruka duheze dufate amerekero yo.

Intambuko ya mbere yo kwimenyereza ni ukwimenyereza wewe nyene ugusoma Bibiliya. Igikoresho gihambaye kiruta ibindi vyose Imana yaduhaye ni Ijambo ryayo. Mubisanzwe jewe hari igihe mara umwanya wose w'ikoraniro [igikorane] ndiko ndigisha ingene gusoma Bibiliya ari vyo bigaba ibindi vyose. Ntiriwe

ndabisubiramwo vyose, birahagije kuvuga ko gusoma Ijambo ry'Imana niho ikanguro ritangurira. Aha ni ho dukura inkomezi zacu. Iryo Jambo ry'Imana tutarifise, ntitwonaronka inkomezi zo gusenga, kandi ntitwomenya ivyo twosengera.

Imana izovugana nawe ku bijanye n'ivyo uzoba uri bucemwo uwo munsi nyene ibicishije muri iryo Ijambo ryayo. Umunsi wose uzokworohera kandi unawunezererwe niwawutangura usoma Ijambo ry'Imana. N'utabikora ukwo, hejuru yo gushushwa umutwe n'ibintu vyose kandi binakugore, uzobona ko umwanya munini wawusesaguye.

Ehe raba intambwe wogenda utera nimba ushaka gutangura gusoma Ijambo ry'Imana:

1. Soma igice kimwe kimwe c'Imigani buri munsi.

Mu kwezi kumwe harimwo iminsi 31 kandi no mu gitabo c'Imigani harimwo ibice 31. Tangura umunsi wose usoma igice gihuje igitigiri n'itariki y'uwo munsi. Imigani izoguha ubwenge kandi vy'ukuri rero. Uzoza urayibuka uri mu bihe bigoye iheze ibigukuremwo.

Mu Migani, Uhoraho avuga ko abazinduka kumurondera bazomubona. Biroroshe cane kwimenyereza wewe ubwawe mu kugira ibi ivyambere wama wahereyeko gukora mu gatondo. Iyi nyifato niyamara gushinga imizi, uzokwumva ubudasa muri wewe.

Ariko rero igihambaye cane muri vyose nuko, mu gihe Bibiliya yamaze gusanzururwa, vyoroshe cane kubaza Uhoraho ibikurikira agomba ko usoma, ugaheza ukabandanya ubisoma. Intambara igoye iba yaheze igihe wicisha bugufi maze ugasanzurura Bibiliya mu gitabo c'Imigani. Ni ibintu vyoroshe cane ko ubandanya usoma mugihe wamaze gutangura.

Uku ni kwo utangura kwatsa umuriro imbere mu mutima wewe.

2. Kora imigwi muze murasomera hamwe Ijambo ry'Imana.

Ibi birashobora kukworohera cane ukwo mugenda muraterana intege bigatinda bigatandukira n'Ishengero ryose. Hariho uburyo bubiri bwo kubikora:

Fata ijoro ryiharije murihebere umwungere w'ishengero canke uwundi muntu wese ari muburongozi bw'iryo shengero ryanyu kugira ngo muhure mugire inyigisho za Bibilia. Izi zizoba ari inyigisho zisumbuye zihamye kandi zizobafasha kurera abandi. Ni vyiza ko murondera umurongozi azi Ijambo ry'Imana kandi uwo urwego n'ubushingantahe vyiwe bizwi, ku buryo ikoraniro ryanyu ridahava riboneka ko ari uguta igihe,nk'aho koba ari nk'akanya ko gutera inkuru canke ihuriro ry'inkandagirabitabo zihura zikarindora ayazo zagotererewe muruyogoyogo canke impari.

Ubundi buryo bwiza ni ukugira utugwi dutoduto tw'ihuriro mu mihana ya bamwe muri mwebwe mugasangira ivyo ku mugoroba n'Ijambo ry'Imana. Umwe wese hari ico azana muri iyo ngaburo. Mbega akaryo keza ko kubana n'abandi ! Mugasangira umukate na bene Data , bikadyoha, maze mukicara ku meza imwe mukaza murahanahana gusoma igice muri Bibiliya. Hanyuma usigara urindirana igishika umunsi mukuru nk'uwo buri indwi. Uzogira ugutahura kurekure kwawe mw'Ijambo ry'Imana, imigenderanire y'urukundo ikomere mw'ishengero, mufashanye na bene Data, bitinde bibe ikibanza ciza co gutumiramwo abandi ngo baze bifatanye namwe. Abatarakira yesu bazoza baje gusangira namwe amaherezo bazoca bakizwa. Aba kristo bakiriye Yesu bazokwisanga mu muryango mushasha wuzuye urukundo. Ibi birakora no kuzindi nzego.

3. Ni wigenere Isaha wiharije yo gusenga buri munsi.

Abakera barayamaze ngo, "umuntu adasenga yama mu vyaha vyiwe". Wa mwanya wigenera wo gusenga udakurikijwe nk'ukwo bikwiriye, uzokwama wisamariye uraba utwo hirya no hino canke utwarwe n'ibindi. Umurwanizi wewe ntazigera aguha akanya ngo uje gusenga!

Nk'ukwo navuze, Uhoraho avuga kuzinduka kumurondera. Igihe cose, uzosanga umugabo n'umugore bafise inkomezi mu Mana uzosanga ari ari abamye

bazinduka kurondera mu nyonga h'Imana−umwe wese ku giti ciwe ! Ni wishinga urindiriye umwanya wo gusenga mwiza gusumba, uzorinda upfa udasenze.

Ni wigenere umwanya ushobora kwihariza uwushire kuruhande. Usabwa kuvyuka ugatangura ugasenga igihe cose uwo mwanya ugeze. Ubonye bikugoye, ushobora kurondera mwene Data azokwifatanya nawe mukuvyukira rimwe muhurire mu rusengero canke ahandi hantu hihererereye musengere hamwe buri munsi. Ushobora no kunasanga hariho abandi benshi nabo bashaka umwanya bihariza nk'iyo yo guhura noneho mukanatangura umurwi w'amasengesho maze ugatangura guhomvagura ibihome vy'ibihitira vya kameremere n'ubunebwe vyari vyaranyoshe amasengesho yawe. Ubwo nyene uzotangura kubona inkomezi zo mw'Ijuru ziguserukako mu buryo utari witeze. Uwu niwo muhamagaro Imana iduhamagarira itwinginga mu gice ca 2 c'igitabo canditswe na Yoweli, kandi ni nta ngere kugira ngo ikanguro iry'ari ryo ryose ribe.

4. Shiraho Amasengesho y'amasaha 24

Igihe inkomezi z'amasengesho zitanguye kwisuka, rondera ingene wokwiyunga n'abandi bizera bo mu yandi mashengero mushireho amasengesho y'amasaha mirongwibiri n'ane imisi yose. Ivyo bizokwunga amashengero yanyu kandi bizoba ari igitero c'urunani kugira mukubite hasi inkomezi z'umwiza. Ese ingene coba igishingantahe ciza? bizokomeza ikibano canyu ariko kandi bibuze na satani kuzana amacakubiri mu mubiri wa Kristo. Uwavugishwa n'Imana Yoweli yaravuze ko ingabo z'abakristo bo mu gihe ca nyuma, yuko batazonyinyurana kandi ko batazota urugamba.

Amasengesho y'amasaha mirongwibiri n'ane, imisi ndwi ku ndwi arimwo ubushobozi bwotuma Imana igira ico ikoze. Imana iranezererwa iyo mibavu imota neza uwo mwanya wose abana bayo baba bariko barayashikana. Uko biri kwose, ndazi ko vyotuma ikora kandi bikadutwara mw'ikanguro.

5. Kwozanya ibirenge n'Isangira Ryera

Hari ikintu gikomeye gitangaje mw'ishengero ryiyunze mu buryo bw'impwemu. Kimwe mu bituma ubwo bumwe bubaha, ni ugukora umugirwa wa kera wo kwozanya ibirenge. Yesu yaratweretse akarorero yongera atubwiriza kubikora

muri Yohana 13. Bibiliya itwigisha ko igihe dufise ico dupfa n'uwundi mu kristo wese, dukwiye kwitatura nawe, tutaravye ko ari we canke twebwe turi mw'ikosa. Ivyo birakuraho icaha c'ubwibone bwo mu buryo bw'impwemu kuko ni naco kirwanishwa Satani akoresha mu gusambura ishengero, gutyo ntihabe n'ivyizigiro vy'ikanguro.

Rondera uwo mufise ico mupfa, musabe imbabazi nimba hari ikibi wamukoreye canke wamubwiye, wongere umusabe kumwoza ibirenge. Ivyo bizogukuramwo ubwibone bwose vyongere bikureho ico arico cose cobatandukanije, bibunge rwose, bisambure ivyo Satani yubatse hagati yanyu. Iyumvire rero ari nka hamwe vyokorwa ku rwego rw'ishengero! Rondere umwanya, mukoranire hamwe, muzane amabeseni y'amazi n'ibitambara vyo kwihanagura hanyuma mwozanye ibirenge. Ico gihe rizokwuzura ukwezwa n'ukubohoka mu mitima yanyu, bitume ukwizera kugwira, Mpwemu w'Imana yisuke.

N'isangira ryera rimeze nk'uko twavuze haruguru. Mwibuke ko tutagira isangira ryera n'ikimenyetso c' amaraso gusa ariko hari n'ikimenyetso c'umubiri arico gisobanura bene Data bose muri Kristo. Imbere yuko mugira isangira ryera, fata akanya ko gusohoka, mutembere kugira umwe wese aronke akanya ko kuyaga na mugenzi we bafise ico bapfa, basabane imbabazi. Ndabisubiremwo, ntibiraba uwakoze icaha canke uwagikorewe ariko mubikora mu ntumbero yo gukiza ibikomere no gukuraho ibisika Umurezi w'abera yageragejeje gishiraho. Mub'I korinto ba mbere, igice ca cumi na rimwe, haratugabisha ko kwakira isangira ryera dufise icaha mu mitima bituma bamwe bagira intege nke abandi bakarwara. Urwanko n'ukutumvikana na mwene so ni icaha gikomeye cane mu nyonga z'Imana kuko mwibuke ko yavuze ko bazotumenyera ku rukundo dukunda bene Data.

6. Abashingantahe n'Inzoya muri Kristo

Umupasitori ntashobora gukora canke ntiyari akwiye gukora vyose. Hategerezwa kuba abashingantahe mu nzu y'Imana bitwararika ishengero, abashingantahe n'abakenyezi babushitse, bafise kurobanura ikibi n'iciza. Nta kureka ico arico cose ngo cinjire mu mpisho kidakemuwe. N'ukuvuga ukuzigama ishengero, kwitwararika ivyifuzo vy'abantu, kwitaho intege nke zoba ziri mu mukuku na cane

cane ntonto n'izigwaye. N'ukumenya neza ko hariho abarongozi bashinzwe gufasha mu kuzigama urutonde rw'ishengero.

Yesu yavuze ko bimunezera igihe twamye ivyamwa kandi ivyamwa bihoraho. Mbega vyoba bimaze iki kuzana abantu kuri Kristo hanyuma tugaca tubareka bakisubirira mu vyaha kuko tutabitayeho, tutabitwararitse? Dutegerezwa kwitwararika gufasha abato mu gakiza nk'uko tubikorera abana bacu bwite. Umuntu wese akijijwe yategerezwa kuronka umuntu akuze mu gakiza amwitwararika akamwigisha gukorera Imana. Yomufasha gusoma Ijambo ry'Imana, mu gusenga no mugushinga intahe.

Ntibitegerezwa gukora umudiyakoni canke umukuru mw'ishengero ariko ni uwo wese yakijijwe, abimazemwo igihe kandi atahura ivyankenerwa mu murimo w'Imana. Ni umugisha udasanzwe kuba umukristo akuze akitwarika abato mu gakiza akaraba ugukura kwabo mu Mana. Tutitwararitse abato mu gakiza, mbega twokwitega ko Imana iduha abandi? Uwu ni wo mutima w'ikanguro, ukuzana abantu kuri Yesu no kurera abashasha.

7. Ugushinga intahe no Kuremesha Ibikorane

Ikanguro risobanura kuzana abandi kuri Kristo. Si ukunezerwa gusa, si ukugira ibikorane vyiza canke kubona ibitangaza gusa. Ni kuzana abandi kuri Kristo. Kugira ubishikeko, utegerezwa kubabwira Ubutumwa Bwiza. Si ivyo uhitamwo canke ngo ureke, ariko ni inkoramutima mu gikorwa cose cerekeye ivugabutumwa. Mpora mara umwanya mwinshi mu gikorane mvuga kuri ico gusa, nkoresha umurongo ku wundi, nerekana biciye mw'Ijambo ry'Imana ko udafise impuhwe z'abazimiye bizokugora guhangara intebe y'urubanza ya Kristo. Nimba ushaka ikanguro, ng'iyi insiguro yaryo: "Mpa abantu, utabampaye mpfuma mpfa!" Ntufate igikorwa co gushinga intahe nk'ikintu kigoye gukora. Ntukwiye kugira ubwoba bwo kuba umuvugabutumwa canke kumenya ivyanditswe no kwishura ibibazo bakubaza canke ngo utinye kwemeza uwo ariwe wese ngo akizwe. Ico utegerezwa gukora ubu ni ukubatumira mu makoraniro. Batumire gusa. Birasanzwe kandi biroroshe.

Umuriro utegerezwa kuba uriko uraka mu rusengero ahandi ho, abantu bazinjira hanyuma basohoke. Bakeneye ikintu kiboneka ariko atari ivyiganano. Iyo umuriro

uriko uraka, biroroshe kuzana abantu ku gakiza kuko uba wuzuye umunezero w'ibisanzwe biri mu rusengero. Mbega biratahuritse? Abantu ntibaza kwumviriza amajambo avugwa canke asomwa ariko baza barondera kwegera ikiba kikurimwo bakubonako. Iyo unezerewe barabibona mu maso. Impwemu yawe iravuga cane gusumba ikindi kintu cose wokora.

Ntukemere iciyumviro kivuga ko Ubutumwa Bwiza buzimvye. Twarigeze kuzana abantu bashika 100 000 ku gakiza dukoresheje udupapuro twagenda turatanga mu mabarabara . Nta mahera ugira ?Natwe ntayo twari dufise. Urashobora kugira uku gukurikira : Uze wakire udupapuro utwandikeko ikibanza ishengero ryawe rikoreramwo ,amasaha mukoranirako , inomero za telefone , ushireko ikidodo c'ishengero hanyuma uduhereze abantu mw'ibarabara.Ico ukora n'ukubahereza gusa . Hagize uwuhagarara akakubaza ikibazo,ni vyiza ;ata wubajije bandanya udutanga. Utwo dupapuro tw'ubutumire tuzokora ku buzima bwabo kandi Imana izodukoresha mu kubemeza.Imana izokwikorera ibisigaye… niwayiha akanya.

Ibikorane vyo hanze birashoboka cane muri Africa gusumba muri America . Ibihe vyarahindutse ndetse n'uburyo bwo gukora nabwo bwarahindutse. N imba kuri mwebwe ibikorane vyo hanze bishoboka nimubikore !ataruko raba ikindi gishoboka mwokora. Ariko uko bigenda kwose ni mushinge intahe, ubuzima bwawe niho buhagaze.

8. Gire Iyerekwa

Bibiliya ivuga ngo iyo hatar'uguhishurirwa, abantu barahona . (Imig. 29: 18) Utegerezwa kugira iyerekwa ryo arikwo kumenya iyo uriko uraja kugira ngo bigufashe kurengana intambamyi ziri imbere yawe. Hategerezwa kuba inyota mu mutima wawe igushikana ku kurengera kameremere atari ukwo nakwo ntaho uzigera wishikana mu Mana. Yesu yatubwiye ngo twiyanke, twikorere umusaraba wacu, hanyuma tumukurikire. Intumbero yiwe yari umusaraba n'intsinzi yari iyo kurokora imitima y'abantu. Mbega twoshobora kumukurikira gute nimba tudafise intumbero duharanira gushikako? Turakeneye kugira iyerekwa, atari aho naho tuzohonera mu busabusa bwacu.

Kenshi imbibe z'ubuzima bwacu zigarukira aho tugeza amaso yacu hirya no hino, ariko nimba ugomba ikanguro ry'ukuri rivuye kuri Mpwemu Yera, urasabwa kubona kure y'aho amaso yawe y'umubiri ageza, noneho usigare ubona kure aho urebesha amaso yawe y'Impwemu. Ni mugire umwete wo Kwizera Imana, hanyuma muyifatire kw'Ijambo ryayo yavuze. Ico nico gihe conyene inzira igushikana ku ntsinzi ica iboneka.

Muri Habakuki 2:2, Uhoraho avuga at'Andika ivyo weretswe, uvyandike ku bisate mu nyuguti zisomeka, kugirang'ŭbisoma anyarutse.Vyandike! Bitarashirwa mu mpapuro ntibiba birabaho. Hanyuma ubimanike ahaboneka. Ico gihe uca umenya iyo uriko uraja n'impamvu igutuma kuhaja. Uba uronse amerekezo akuyobora mu nzira igushikana ku gushitsa umuhamagaro wawe mu Mana.

No kw'ishengero bitegerezwa kugenda ukwo nyene. Ishengero ryanyu ryari rikwiriye kugira iyerekwa ryerekana intumbero mugomba gushikako. Ivyo mweretswe mubimanike mubibambe ku mpome z'urusengero kugirango umuntu wese abibone. Ico gihe ishengero rica ribaho rifise intumbero, inzira, hamwe n'inyota bituma muca mumenya ivyo murimwo murakora n'impamvu mukwiriye kubikora.

Ikiguzi c'ikanguro kirakomeye. Hatabayeho guhishurirwa, ntuzogira inyota yo kwemera gutanga ico kiguzi.

INDUNDURO YA VYOSE

Ibintu nagiye nshimikirako muvyo nabashikirije vyanditswe mw'Ijambo ry'Imana, kandi bizoshika. Mubihe biheze harabaye amakanguro menshi, ariko ikanguro ry'agakura ryasezeranywe muri Yoweli no muri Yesaya ntirirashitwa. Incuro zitandatu ni zo uwuvugishwa n'Imana Yoweli yerekana igihe c'ikanguro kizoba imbere yuko « Umunsi w'Imana » uza.

Uku gutahura ibihe kurasobanutse kuko ibimenyetso vyo mu Mpwemu bizoba bisa nk'ivy'imbere yo kuza kwiwe kwa mbere. Yesaya 53 :2 havuga ko Yesu ari umuzi unaga mw'ivu rigadutse. Kwări ukugaduka kwo mu Mpwemu kwasize Isirayeli yose yicwa n'inyota yo kwongera kubona Imana igira ico ikoze. Amasinagogi n'abafarisayo bari bakwīragiye hirya no hino mubisagara vyose, ariko inkuru y'uwuvugishwa n'Imana imaze gukwira hose iturutse Isirayeli, yatumye amajana n'ibihumbi vy'abarimyi basanzwe baheba ubusize bwabo bagenda urugendo rurerure baja i Yorodani kwumva Amajambo yiwe. Hazoba ukugaduka imbere y'uko gagruka−ukwitegurira ikanguro. Sinomenya igihe bizomara, canke igihe bizohera, ariko ndazi neza ko igihe kije.

Igihe ntigishitse kw'ishengero ryo mw'isi nk'uko turizi uno munsi. Imana izoha amashengero akanya ngo yihane, ariko ntazihana. Ni kubera iki ayo mashengero yarakwiriye kwihana ? Ntiyumva ko asabwa kwihana. Arumva ko kugira ikanguro vyari vyiza, ariko nta nyota yumva afitiye kurigira vyanka vya kunda.

Ikibabaje ku kuva ku Mana n'uko ivyiyoroso vy'ukwinezererererwa n'ukuzuyaza ishengero ryiyoroshe, nivyo ubushobozi bwaryo buca bugarukirako kubona. Niryo rihamagarirwa kubona ko ryăpfūye, n'aho biba ari akamaramaza kubonwa n'abandi hirya no hino.

Ishengero ry'i Lawodikiya ni rizima mu mashengero yacu y'ibi bihe. Ryibaza ko rya gwiriye kandi ryungutse imigisha myinshi y'Imana, ariko ryabaye nk'impumyi kubwo kuba akazuyazi kwaryo bikarituma kutabona ko ryasubiye inyuma cane ugereranije n'aho ryări rigeze. Amashengero yavuye mu muriro w'ikanguro yahindutse amashirahamwe y'abantu−y'ubwenge, atunze, ay'urutonde, ay'ukuri mu nyigisho ndora Mana, kandi yishimira umurage atanagifise. Ubwibone bwayo

butuma atihana, maze amatara yayo akagenda azima buhorobuhoro ukwo akomeza kwidibamira mu kuzuyaza kwayo aho ari mu bitutu vy'umwiza urímwo uratêrana impande zayo zose.

Imana izokura amabuye mubibanza vyayo. Igihugu cos gikwiragiye urunganwe nk'urwa Gideyoni rwipfuza gushika ahandi hantu atari "gusenga nk'uko vyama". Aba ni abantu Imana yahamagaye bavuye mumashirahamwe yapfuye ngo babe ingabo Yoweli avuga kurwana iyi ntambara yanyuma yo guhangana n'umurwanizi ku bw'imitima y'abantu.

Ntawobaza ko iri kanguro rya nyuma ry'agahebuza rizoza. Rizoza. Mpwemu Year aeiko aravuza inzumbete. Ikibazo ni iki, Mbega uzokwitaba ako kamo? Atari ukwo, uzohereza mu kwihagararira inyuma y'imirongo urorera ingene umuriro w'Imana umanuka kurindi shengero ryo ryăshaka gukora ivyo wewe utĭgera ukozwa. Ihitamwo ni iryawe.

Ncuti, uri mugihe gitangaje mu mateka yose. N'íntambara yāje−intambara iteye ubwoba yo mu Mpwemu−kandi iki nico gihe nyene duhamagarirwa gushikama mu rugamba rwo kundunduro.

Iyi niyo ndunduro ya nyuma y'urugamba rwamyeho kuva mu ntango z'ibihe. Abahizi bazôrámurirwa muri uru urgamba rwo kundunduro bazokayangana ibihe vyose.

Itaba akamo,hagurukira uwo mudómeko, kandi Imana uyizere mu vy'iryo kanguro ry'agahebuza ritigeze kuboneka.

Dalen Garris
RevivalFire Ministries
Waxahachie, TX

Dalen Garris ni umurongozi w'igikorwa c'ubutumwa Bwiza bufise icicaro i Waxahachie, TX kandi yamye ari muri ico gikorwa mu buryo bumwe canke ubundi kuva mu 1970. Uwomurondera, ubutumwa bwo mushikira biciye munzira zatanzwe hepfo kuri uru rupapuro.

Fire in the Hole ("Umuriro mw'Ironge") yari ikiganiro casamirana gushitsa kure ca RevivalFire Ministries ("Ibikorwa vy'Umuriro w'Ikanguro") cumvikana buri ndwi ku nsamirizi zitandukanya mw'isi hose. Amajwi y'ivyo biganiro arabitswe ku muhora w'ubuhinga bwa none w'ivyo bikorwa (website) kandi umuntu arashobora kuyābūra. Udukoresho two kuraba no kwumviriza (ama CDs) canke utubika amajwi (ama CASSETTES) turashobora kubashikira.

Urutonde rwo ku ndwi, Umuriro mw'ironge (Fire in the Hole), rurasohoka mu binyamakuru bitandukanye muri Leta zunze Ubumwe za Amerika kandi rurarungikwa mw'isi hose. Biboneka kandi kuma blogs no kumuhora RevivalFire.org. Ni haba hari ico mashaka gutumako, iyandikishe kuri uyu muhora (website) canke canke mutwakure.

Ni mwaba mwipfuza ko Dalen Garris agira ico avuze mw'ishenegro ryanyu canke mw'ishirahamwe iwanyu, nta kintu nakimwe musabwa nk'amahera canke vya nkenerwa.

Ni mutwakure kuri izi nomero ku myanya n'urutonde vya genewe.

Dalen Garris
RevivalFire Ministries
PO Box 822, Waxahachie, TX 75168
+1(972)938-8502

dale@revivalfire.org
revival1412@gmail.com

Gutumako utundi dutabo tw’

Intambuko Zine z’Ikanguro

Twakure kuri

+19729388502

Canke uje ku muhora w’ubuhinga bwa none:

www.RevivalFire.org

Canditswe kandi gisohowe na:

ARMEL,HERVE,SAMUEL

Tel: +257 79580380,
+257 7989140,
+257 79386816

E-mail:cimarmel@yahoo.fr